# Kugirwa Abana Samuragwa #1

Jeffersonville, Indiana, USA

15 Rusama 1960 Ku Mugoroba

1 …niyumva neza kwumva ivyo, ni vyiza. Neza, vyama imisi yose, nk'uko nabivuze ubwa mbere,"Naranezerewe igihe bambarira bati, 'Tuje mu ngoro y'Uhoraho.'" Ndibaza yukoari Dawidi yavuze ivyo igihe kimwe, "Reka tuje mu ngoro y'Uhoraho." Nta kindikibanza nzi ciza co kubamwo nk'ico, siko, nko kuba mu ngoro y'Uhoraho.

Ubu rero, kuri uno mugoroba, turafise abagenzi bacu hano bazananye inzira yosekuva muri Georgia. Birashoboka yuko baza kuba bariko baragendesha imodokabasubira inyuma inyuma -inyuma y'ifunguro yo kuri uwu mugoroba, ndizera yukomuza kurindira. Kandi ibibanza dufise biruguruye ku bwanyu.

Kandi rero kuwa gatatu nimugoroba tuzobandanya,turiko twiga, kandi hanyuma, Umwami niyabishaka, no ku w'iyinga utaha kandi.

2 Kandi rero Chatauqua tuzotangura kuri gatandatu. Ukoniko mwese abamaze gutegura ibiruhuko, twiteguye ibihe vyiza cane aho muriChatauqua. Aho niho igihe cose twagiye tugira ibihe bitangaje. Atari ikoranirorinini ry'abantu, hari gihe baza… Kumbure hashobora kwakira nka... Ndibwiradushobora gushiramwo abantu nk'ibihumbi icumi aho, biroroshe. Ariko, akenshi,umwaka ushize ndibaza twari dufise nk'ibihumbi indwi, ikintu nk'ico. Baribazuye no hanze, ariko hari ivyumba vyinshi vyo guhagararamwo, ndetsen'ibibanza bishobora gukwira aho hose. Kandi rero ivyo turabirindiriye.

3 Kandi ndanezerewe kubona benshimuri bene Data b'abavugabutumwa hano. Sinshobora kwibuka izina ryiwe hano,umumisiyonari, Mwene Data Humes. Na Mushiki wacu Humes, mbega ni mwe mwicayeahagana hano, n'abo bana bato, turanezerewe kubagira hano, abamisiyonari. Abandibandi, Mwene Data Pat, Mwene Data Daulton, kandi, hari n'abandi benshi, MweneData. Kandi nabonye Mwene Data Collins mu kanya gato gaheze. Kandi, oh,bishobora kuba vyogorana kubavuga mu mazina bose. Ariko turanezerewe cane kubwokubagira mu nzu y'Uhoraho uyu mugoroba. Uyu Mwene Data w'igiciro cane Nevilleyicaye hano inyuma yanje kugira ngo dusengane mu gihe ngiye kwigisha Ijambo…Charlie, ndanezerewe kukubona na Mushiki wacu Nellie hano uyu mugoroba, abobato. Uyu ni… Kandi inyigisho ya Bibiliya igihe cose iba… Ego, Mwene DataWelch, nariko nkurondera; nakubonye wicaye aho inyumaubu.

4 Inyigisho za Bibiliya zibaziteye ubwoba gato, ni gato, murabizi, ninko kugenda aho hantu hanyerera; niko tuvyita. Ariko kumbure ivyo tuvyiyumvamwo iyo tugeze aha hantu ndetsekuri uyu mwanya, vyategerezwa kuba vyiza ko uzana i -ishengero ukarigeza ahonibaza, ku -ku gutahura kwuzuye, kugihagararo, c'ico turico muri Kristo Yesu. Kandi rimwe na rimwe nibaza ko ukokwigisha kuba ari ikintu ciza cane, Ariko nizera ko rimwe na rimwe, Mwene DataBeeler, uko kwigisha kurenga ivyo, mu buryo kanaka... Cane cane kw'ishengero.

Rero, kuvuga ubutumwa akenshi biraba abanyavyaha,bikabazana kugutsindwa biciye mw'Ijambo. Ariko inyigisho ishira umuntu mukibanza c'ico ari co. Kandi ntidushobora kuba twoba abantu bafise ukwizerakugeza aho tumenya ico turico mu buryo bw'igihagararo.

5 Rero, niba Leta Zunze Ubumwe z'iki gihugu ciza hano,indungitse mu Burusiya nk'uwuserukira iki gihugu, mu Burusiya, rero baramutsebandungitse mu buryo bwemewe mu Burusiya, inguvu zose za Leta Zunze Ubumwe zibaziri inyuma yanje. Ijambo Ryanje riba ari kimwe n'irya Leta Zunze Ubumwe, nimbanzwi nk'umuserukizi.

Kandi rero nimba Imana yaraturungitse kugira ngotube abaserukizi bayo, inguvu zose ziri mw'ijuru, izo Imana ifise zose, Abamarayikabayo bose n'inkomezi Zayo zose ziba zihagaze inyuma y'amajambo yacu nimbatwarasizwe vy'ukuri, intumwa zarungitswe ku bantu. Imana iba Igomba kubahaIjambo, kubera ko Yavyanditse mu buryo bweruye, ko "Ico muzohambira cosemw'isi, kizoba gihambiriwe mw' ijuru. Ico muzohamburura cose mw'isi, kizobagihamburuwe mw'ijuru. Kandi Mbahaye imfunguzo z'Ubwami." Ôo, ayo masezeranoakomeye Yayahaye ishengero.

6 Kandi jewe, inyuma ya wa munsi…benshi muri mwebwe,ndibwira ko bari hano muri iki gitondo kugira ngo bumve uko ngeragezaganicishije bugufi, gusobanura mu buryo buciye bugufi i—iyerekwa nabonye ryomw'Ijuru.

Ngerageza, mu buryo bwose, kutigera ngeragezagukekeranya ico uwo ari we wese yombwira ko Imana yamubwiye. Ndavyizera; nubwo noba ntabibonye mu Vyanditswe nokomeza kwizera iryo jambo rya mweneData. Nzo—nzoguma igihe cose kuri Bibiliya, ariko kandi nkomeze kwizera kokumbure mwene Data yabitahuye nabi mu buryo kanaka, ko kumbure ashobora kuba hariuburyo yabicanganije gato. Kandi n'ubundi nzomwizera ko a—ari mwene Data.

7 Rero nimba hari ikintu cigeze kirurumba mu mutimawanje, kandi ndibwira ko kitasigaho mu myaka yanje igiye kuza, ni ukontazibagira icabaye ku w'iyinga ushize mu gitondo, hashize indwi. Vyakozeikintu kuri jewe cazanye impinduka mu buzima bwanje. Sintinya. Ntabwoba na bukemfise bw'urupfu. Urupfu nta bwoba na buke runteye. Kandi rwo... Ntirwoguteraubwoba igihe utahura. Rero, kumbure... Ukwiriye

kugira imyimenyerezo yo kubimenya,kubera nta buryo na bumwe buhari bwo kubisobanura. Ntiworonka amajambo, kuberako atayahari muri kazinduzi y'icongereza, cangwa mu yindi kazinduzi; kubera ko ni ivy'ibihe bidashira; nta ejo hashize, nta ejohazoza, igihe cose aba ari ubu. Kandi ntihaba ngo, "Ndumva meze neza cane," nihashiraisaha inyuma yaho uti: "Ndumva ntameze neza," kandi mu yindi saha, "ndumvanguwe neza." Igihe cose aba ari ubu. Murabona?, ntivyigera bihagarara, ayomahoro atangaje n'ibindi.

8 Kandi ntihashobora kuba icaha; ntihashobora kuba ishari; ntihashobora kuba indwara,nta kintu gishobora kubaho cogera kuri izo nkombe zo mw'ijuru. Kandi ndamutsengizе amahirwe yo kuvuga ibi, ivyo, kumbure ntafise. Nimba ntayafise, rerondasaba Imana ngo imbabarire. Ariko nimba mfise ibakwe, kandi akaba ari Imanaitumye nduzwa kugira ngo ndabe ikintu, ndavuga kw' Ijuru rya mbere. Kandi rerondibwira, umwe muri Bibiliya yitwa, ndibwira ko yari Paulo, uwo yadugijweakagera mw'ijuru rya gatatu. Kandi nimba vyari ibintu vyiza mw'ijuru rya mbere,mbega ni iki ijuru rya gatatu rifise? Ntibitangaje kuba atarashobora kubivugamu gihe c'imyaka cumi n'ine. Yaravuze ngo ntiyari azi nimba yari mu mubiri cangwayari hanze y'umubiri. Hamwe n'iyo ntumwa ikomeye, atari ukwiha igikorwa ciwe, cangwaatari ukugerageza kwigira ubwacu ikintu nk'ico yarico, ariko nshobora kuvugakimwe na we; sinzi nimba nari muri uyumubiri cangwa nari hanze yawo. Ikintu kimwe nzi, ni uko ari ukuri nk'uko ndikondababona.

9 Kandi igihe cose nama nibaza kubijanye no kuba niba ndamutse ngezeyo noshoborakubona agacu gato kagendagenda, cangwa impwemu, kandi nkavuga nti, "Nguriya ahoari mwene Data na mushiki wacu; uwo ni Charlie na Nellie. Uriyani Mwene Data na Mushiki wacu Spencer agiye hariya." Ivyo igihe cose vyaranzazanira.Nimba amaso yanje ari mu mva, yaraboze, yarasangutse, amatwi yanje akaba atarihano kugira ngo yumve ukundi, kandi amaraso yanje aramutse yarasubiyeyo ndetsebakaba baranteye imibavu, kandi biramutse biri mu mazi cangwa mw'ivu, kandiimikorere y'ivyiyumviro vyanje, utwumba tw'ubwonko bwanje twagiye, noneho nigute nobaho ntari impwemu iyerera aho? Kandi ivyo vyarampagarika umutima. Nigute nokwifuza kuvuga nti, "Bite, Mwene Data Pat, oh, nezerejwe no kukubona.Bite, Mwene Data Neville, mbega uko nifuza kukubona." Ariko naribaza nti,"Rero, nimba ata kintu mfise nokoresha kugira ngo ndabe, ata kanwa mfise kokuvugisha, biba biboze, ni umukungugu, nigute noshobora kuvuga nti,'Bite, MweneData Pat,' 'Bite, Mwene Data Neville,' cangwa ibindi, 'Bite, Charlie'?"

10 Ariko ubu nziko ivyo atari ukuri. Kubera kobiranditse mu Vyanditswe, ivyo mvuga ntibinyuranye, "Kubera ko uru rusago rwokw'isi nirwamara gusambuka, dufise urundi ruturindiriye," urundi rusago rufiseamaso, amatwi, iminwa, uburyo bwo kwiyumvira. Nimba uru rusago rwo kw'isirusambutse, dufise umubiri ushobora kwiyumva, ushobora kuvuga.

Kandi ubu bije kuri jewe, aka kanya, ko Moseyapfiriye mu bugaragwa kandi agashingurwa ahantu hatazwi mu gihe c'imyaka amajanaumunani, kandi Eliya yari yaragiye mw' ijuru imyaka amajana atanu imbere, arikoku Musozi wo Gukayangana bamusanze ariko avugana na Yesu.

11 Inyuma y'uko Samweli apfuye nko mu myaka itatucangwa itanu, kandi umupfumukazi w'i Andori aramuhamagara, maze agwa yubamye,maze aravuga ati, "Wambeshe, kubera ko uri Sauli, ubwawe." Aravuga ati, "Kuberako mbonye imana." Yari umunyamahanga, murabona, "Mbonye imana zihagurutse."

Kandi Sauli we ntiyashobora kumubona, mazearamubaza ati, "Asa gute? Mbwira uko ameze."

Aravuga ati,"Aronze, kandi afise umutamana ku rutugurwiwe."

Aravuga ati, "Uwo ni Samweli umuhanuzi; umunzanire hano imbere yanje." Nshaka ko mumenya ko Samweli atariyaratakaje ico yari co. Yari akiri umuhanuzi; abwira Sauli neza neza icari kigiye kuba ku munsi ukurikira.

Nuko, murabona, urupfu ntirutugira bato nk'uko tubaturira kandi dukoma induru ndetse tuganya. Duhindura gusa aho tuba. Rudukuraahantu ruka… Mbega imyaka ni iki? Hamwe nobaho iyindi saha imwe, noba mbayehoneza kuruta kure umuntu w'imyaka cumi n'itandatu. Noba mbayeho neza cane kurutaabantu b'imyaka itanu. Imyaka nta kintu ivuze. Twicaye hano kubera impamvu,kugira ngo hagire ikintu dukora.

12 Rero, benshi muri aba bavyeyi bato bafise mu masoheza bicaye hano, benshi muri bo bafise imyaka mirongwitandatu cangwamirongwirindwi bashobora kuvuga bati, "Rero, ni iki nakoze, Mwene Data Branham?Mwareze abana banyu. Mwakoze ico mwari mukwiriye gukora."

Kumbure abantu bashaje bicaye hano bavuga bati,"Rero, narimye imirima; nakoze ibi. Ntabwo nigezemvug ubutumwa." Ariko wakoze ico Imana yakurungitse kugira ngo ukore. Hariikibanza cawe.

13 Nariko mvugana n'umuganga ejo hashize, umwe mubanganga b'abagenzi banje, umugenzi, ari nko mu myaka mirongumunani… Kandiumugore w'umuvukanyi wiwe ari hano mw'ishengero uyu mugoroba, kandi yari ubwobakuri we. Maze nja kumuraba. Nuko ngitangura kuvugana na we, araca mu maso,ambwira ku rugendo rwo guhiga yagiyemwo imyaka myinshi ishize aho muriColorado, muri ico gihugu kimwe duhigamwo. Yari intwari kandi akeye... Mazendavuga nti, "Dogiteri, wamaze igihe kingana iki wimenyereza

ivyo?"

Aravuga ati,"Igihe wari uconka." Maze mbandanijendavuga... "Kandi ni ibihe vyinshi," aravuga ati, "Narimenyereza ngafata iyomodoka yanje itwikuruye; ngashira amatandiko kw'ifarasi. Ngafata ako gafuko kanje maze nkagenda."

Maze ndavuga nti, "Ego, aho hepfo ku nkombe z'imigezi,mu masamunani zo mu gitondo hamwe n'itoroshi, uriko ugerageza kurondera ahoumwana muto yarwaye munda cangwa umuvyeyi ari ku bise."

"Uko ni ukuri"

14 Maze ndavuga nti, "Urazi, muganga, nizera ko,hakurya y'uyu murongo ugabanya hano hagati yo gupfa no kudapfa, Imana ihafiseahantu yageneye abaganga bashaje bakoze nka gurtyo."

Amosozi menshi amanuka mu maso yiwe, maze atangurakurira; aramvura ivyo biganza vyiwe bifise intege nke maze aravuga ati, "MweneData, niko nibwira." Aho hakurya mu gihugu, Imana icira urubanza ubugingobw'umuntu, ico ari co.

Hanyuma ndamuha iki Canditswe gihagije. Incuronyinshi, yabona inzira bimugoye muri iyo mirima irimwo umwijima n'ivyondo mw'ijoro, ariko agerageza gufasha umuntu, kumbure ata n'ifaranga yabiherwa, arikoivyo ntivyari ikibazo. Ndavuga nti, "Yesu yaravuze mu Vyanditswe, 'Hahirwaabanyembabazi, kuko aribo bazozigiririrwa.'" Kandi uko ni ukuri.

15 Kandi uyu mugoroba turashaka gushira ishengero muriibi vyigwa bitatu, nimba Imana ivyemeye, ni gute kandi ni iki co kurabako, icoturico. Tugiye gutangurira ku gice ca mbere c'Icete ca Paulo yandikiye Abanyefeso.Kandi tugiye gufata ibice bitatu vya mbere mu nyigisho zacu zitatu zikurikira,tugerageze kwiga igice kimwe mu mugoroba, nimba tubishobora, nimugoroba, kuwagatatu, no ku w'iyinga mu gitondo. Abanyefeso, igice ca 1...Rero, nk'ukotuvyigira hamwe, nipfuza kuvuga ibi, ko iki Gitabo c'Abanyefeso kijanye n'icaYosuwa mw' Isezerano rya Kera mu buryo butunganye; Abanyefeso, Igitabo c'Abanyefeso...

16 Rero, Mwibuke, turamutse dusohotse gato mu nyigishoyacu, mutubabarire kandi mutwihanganire. Imbere yuko dufungura hano, reka tumusabeadufashe, mu gihe twunamitse imitwe yacu.

Mwami, turi kwegera Ivyanditswe Vyawe vyera kandivyakweguriwe, ivyo bihangamye kuruta ijuru n'isi. Kubera ko dusoma muri iriJambo, ryitwa Bibiliya, ko "Vyombi ijuru n'isi bizoshira, ariko Ijambo Ryawe ryoritazonanirwa." Rero kuri iyi saha ikomeye nje kuri iki gicaniro uyu mugoroba imbereyo gucungurwa kw'Amaraso Yawe, aba bantu bapfa bakundwa bicaye hano, kandibariko bagerageza gukabakaba buri vyizigiro vyose ivyo bashobora gufata kugirango babashe gufata ubwo Bugingo butegerezwa kuza, reka ivyo bibe bihagije uyumugoroba, kugira ngo buri mwizera hano abone igihagararo ciwe, kandi buri weseataraza muri iri sangira ngo atangure kubandanira Ubwami, Mwami, kandiakadodora ku rugi kugeza Umurinzi yuguruye imiryango. Biduhe, Mwami.

17 Dusoma hano ko iyi Bibiliya idakwiye gusobanurwank'uko umuntu yigombeye. Imana ibiturinde ko Umukozi Wawe cangwa uwundi mukoziwundi ko yogerageza gushiramo insobanuro yiwe mw'Ijambo. Reka turisome kandituryizere nk'uko ryanditse. Kandi cane cane twebwe abungere b'umukuku, twebweabapasiteri abo igihe kimwe tuzohurira hariya hakurya muri kiriya gihuguc'ubwiza hamwe n'ubusho buto, kandi tuzohagarara mu Kugaragara k'Umwami Yesu,kandi tuzabona ico gihe kiza, Aba Paulo, n'Aba Petero, n'Aba Luka, na Mariko, naMatayo, n'abo bose, kandi tuzobabona bacirwa urubanza hamwe n'imigwi yabo.Mana, biduhe kugira ngo nshobore kuzana amamiliyoni ku birenge vyawenk'intsinzi mu gihe ndiko nkambakamba maze ngakora ku birenge vyawe vy'igiciro

18 Ô Mana, utwuzuze bundi busha Mpwemu ndetsen'urukundo n'ubwiza Bwawe. Kandi reka twebwe, nkuko umuririmvyi yabivuze mundirimbo imyaka myinshi ishize, "Mukundwa Ntama yapfuye, Amaraso yawe y'Igicirontazigera atakaza inkomezi zayo, kugeza aho ishengero ryacunguwe n'Imanarikizwa icaha bidasubirwamwo. Kandi kuva ubwo, biciye mu kwizera, nabonye isokoyavuye mu bikomere yatanzwe; urukundo rucungura rwabaye inkuru nyamukuru, kandibizoba gutyo kugeza kugupfa. Rero mu ndirimo nziza izwi cane," yabandanijeavuga ati, "Nzoririmba inkomezi Zawe zikiza; igihe ururimi ruvuga rugigimiza,n'ururimi rutegwa ruryamye aho rucecetse mu mva." Rero imva ntiba igifiseurupfu ku bana Bayo. Ahubwo ni ahantu hacu honyene ho kuruhukira, cangwa ahantuho kwihisha, aho kubora kuzoba kutabora.

Kandi reka twebwe uyu mugoroba tubone ibi, Mwami,mu buryo bwuzuye, nk'uko twabihawe mw' Ijambo. Uduhe gutahura. Kandi udushiremu gikorwa, Mwami, kugira ngo dushobore kugukorera tugororoka kugeza igihe Uzozira.Dusavye ibi mw' Izina ryaYesu, no kubw'ubushake bwiwe. Amen.

19 Rero, Igitabo c'Abefeso, nk'uko nariko mbivuga, kuciyumviroi anjye, ni kimwe mu Bitabo bikomeye cane vy'Isezerano Risha. Bitugezaahantu Abanyabuntu baviriye ku murongo, n'Abanyamategeko nabo bava ku murongo,ariko Igitabo c'Abanyefeso gihuza vyompi maze kigashira ishengero mu kibanza.

Rero, nabigereranije na Yosuwa. Nimba mubibona,Isirayeli yakuwe muri Egiputa, kandi hari intambwe zitatu z'urugendo rwabo.Intambwe ya mbere kwari ukuva muri Egiputa. Intambwe yakurikiye hari mubugaragwa. Hanyuma intambwe yakurikiye kwari ukuja muri Kanani.

20 Rero, Kanani ntishushanya igihe c'inganji y'imyakaigihumbi. Bishushanya gusa igihe c'abanesheje, igihe co kunesha, kubera ko muriKanani barishe ndetse baraturira kandi bafata ibisagara. Kandi nta rupfu ruzobamu nganji y'imyaka igihumbi.

Ariko ikindi kintu vyakoze, vyazanyegutsindishirizwa biciye mu kwizera, inyuma yuko bizeye biciye muri Mose mazebakava muri Egiputa; kwezwa biciye mu gukurikiraInkingi y'Umuriro no guhongerwa kw'umwagazi w'intama w'ikimazi aho mu bugaragwa.Hanyuma rero no kwinjira mu gihugu cari carasezeranijwe.

21 None, ni iki igihugu c'isezerano gisigura ku bizerab'Isezerano Risha? Isezerano ni Mpwemu Yera. "Kubera ko hazobaho igihe mu minsiya nyuma," Yoweli 2:28, "Nzosuka Mpwemu wanje ku bantu bose. Abahungu banyun'abakobwa banyu bazovugishwa. Kandi ku basavyi banje n'abagaragu banjenzobasukako Mpwemu Wanje, maze bazovugishwa. Nzerekana ibimenyetso mw' ijuruhejuru. Kandi mw' isi, Inkingi z'Umuriro, n'umwotsi, n'umwuka." Nuko Peteroaravuga, ku munsi wa Pantekoti, inyumva yo gufata ijambo maze aravuga ubutumwaati, "Mwihane, umuntu wese muri mwebwe, abatizwe mw' Izina rya Yesu Kristomubone guharirwa ivyaha," kwihana, kubabarirwa, gutwara kure ibicumuro vyose.

22 Mwarigeze mubona Yosuwa? Imbere yuko bajabukaYorodani, Yosuwa yaravuze ati, "Genda uje hagati mu nkambi maze mumese impuzu zanyukandi mwiyeze buri wese muri mwebwe, kandi ntihagire umugabo abonana n'umugorewiwe, nko mu minsi itatu muzobona ubwiza bw'Imana." Murabona? ni inzira yokwitegura kuragwa isezerano. Rero, isezerano ry'Abisirayeli ryari… Imana yahayeAburahamu isezerano ry'igihugu ca Palestina, kandi categerezwa kuba icabo ibihevyose. Kandi bategerezwa kuguma muri iki gihugu.

Rero, baza mu ntambwe zitatu, baza muri iki gihuguc'isezerano. Rero, mwitegereze; ni igishushanyo gitunganyec'Isezerano Risha.

Rero, ibi, nk'uko nabivuze, ntemeranyan'ivyiyumviro vya bamwe muri mwebwe. Bamwe mu bantu b'igiciro b'Abanazariyano,Ishengero ry'Imana, n'abandi, ibi ntibibakomeretse, ariko mubirabe neza kandimwitegereze ibigereranyo. Mwitegereze kandi murabe nimba buri hantu hadahura muburyo butunganye.

23 Hari intambwe zitatu z'urugendo, kandi hariintambwe zitatu z'uru rugendo. Kubera ko turatsindishirizwa kubwo kwizera,tukizera Umwami Yesu Kristo, tukareka igihugu ca Egiputa, tugasohoka, mazenoneho tukezwa biciye mu Maraso Yiwe yatanzwe, tukozwa ivyaha, maze tugahindukaIngenzi n'akavantara, tukavuga ko turiko turondera igihugu, igisagara kizoza, cangwaisezerano.

Uko niko Isirayeli yabikoze mu bugaragwa, bariabimukira, nta hantu bari bafise ho kuguma, bagenda amajoro, bakurikiye Inkingiy'Umuriro, ariko amaherezo bagera mu gihugu c'isezerano aho baruhukiye.

24 Aho niho uwizera agera. Agera ubwa mbere aho amenyako ari umunyavyaha; maze akitandukanya biciye mumazi, kozwa n'amazi, biciye mu Maraso, cangwa kozwa n'amazi biciye mw'Ijambo, cangwa,kwizera Umwami Yesu Kristo. Rero, kubwo gutsindishirizwa kubwo kwizera,ugahinduka umuragwa, maze ukiyunga n'Imana biciye muri Kristo, ukabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo kugira ngo umushire mu rugendo. Muriko muravyumva? Murugendo. Hanyuma agahinduka ingenzi na kavantara. Abari mu rugendo aja he? Kwisezerano Imana yatanze.

25 Isirayeli ntiyari bwakireisezerano, ariko bari mu rugendo. Kandi badafise, guhaguruka… Ndabinginze munyumve.Aho niho muri, Abanazariyano n'ingenzi z'Ubweranda, n'abandi, mwaraguye. Kuberako Isirayeli, igihe bageze aho babona Kadeshi Baruneya, igihe abatasi bajabukahakurya maze bakavuga bati, "Igihugu ni kinini"Ariko bamwe muri bo baragarukamaze baravuga bati, "Ntitwogifata, kubera ko ibisagara birubakiye n'inzitiro,n'ibindi."Ariko Yosuwa na Kalebu barahagarara, maze baravuga bati, "Turutaabashoboye kugira ngo tuwufate." Kubera ko bamaze gusinya impapuro z'ivyobemera, bemera mu bikorwa bibiri arivyo ubuntu, gutsindishirizwa no kwezwa,kandi ntibashobora kuja kure y'aho. Kandi mwumve, ico gihe cose cahoneye mubugaragwa ariko babiri bajabutse baja hakurya mu gihugu c'isezerano mazebagarukana ibishingantahe vyo kwemeza ko cari igihugu ciza, "Kandi turiabarenze abaneshi kugira ngo tugifate, kubera ko ryari isezerano ry'Imana."Hanyuma aho kugira ngo abantu babandanye, kwakira Mpwemu Yera, bavuga mu ndimi,bakira inkomezi z'Imana, umubatizo wa Mpwemu Yera, ibimenyetso, ibitangaza,biyumvamwo ko bizosambura iyo mihango y'inyigisho zabo. None ni iki cabaye? Bapfira mu gihugu. Uko ni ukuri.

26 Ariko abizera, Kalebu na Yosuwa baritegura, kukobariko baja mu gihugu c'isezerano, barabandanya ngo baje mu gihugu, kandibafata igihugu, maze bicara mu gihugu nk'icabo. Rero ntabwo tugarukira na gatoku gutsindishirizwa, no kwezwa. Reka tubandanye tugere ku mubatizo wa MpwemuYera. Reka twoye

guharararira mu kwizera Umwami Yesu, mu kubatizwa. Reka twoyeguharararira ku kuba twarogejwe ubuzima bw'ivyaha. Ahubwo dukomeze twinjirekugera ku gihagararo, kw' isezerano ry'umubatizo wa Mpwemu Yera. Kubera koPetero yavuze ku munsi wa Pantekote ati, "Isezerano ni iryanyu, n'abana banyu,n'abo bose bari kure, ndetse n'abo bose abo Umwami Imana izohamagara."

27 Uko niko Efeso itugira nka Yosuwa, iduhaigihagararo. Mwitegereze, Yosuwa, inyuma yo kwambuka hakurya y'igihugu mazeagafata ico gihugu, hanyuma yagabanganije ico gihugu. "Efurayimu hano, Manase hano,kandi uwundi hano, Gadi hano, Benyamini hano." Agabanganya igihugu.

Kandi mwitegereze. Ôo, ibi birarurumba mu mitimayacu. Buri wese muri abo bavyeyi b'Abaheburayo yaba ariko aribaruka abo bana,yavuga aho hantu muri ivyo bise vyiwe vyo kuramukwa, aho yategerezwa kuzoba mugihugu c'isezerano. Ôo, ni inyigisho ikomeye. Turamutse dushoboye kuyinjiramwomu buryo buramvuye, ivyo bishobora gufata amasaha n'amasaha... Igihe kimwe nitwamaragutunganya urusengero rwacu, nifuza kuzoza ngafata ukwezi kwose cangwa abiri,nkavyinjiramwo. Mwitegereze igihe bo, buri wese muri abo bavyeyi, igiheyamwita, "Efurayimu," igihe yari ku bise, mu buryo bw'aho agomba kuba yashizeibirenge aho hari amavuta. Mu buryo bufadika kuri buri wese muri bo igihe bariaho...

Kandi Yosuwa, atari azi ibi, ariko biciye mu guhumekerwa,ayobowe na Mpwemu Yera, inyuma yo kugera mu gihugu c'isezerano, yahaye burimuntu isezerano ryiwe, neza na neza ico Mpwemu Yera yasezeranye biciye mukuvuka aho kera.

28 Mbega ukuntu Imana yashizebamwe mu rusengero, biciye mu bise vyo kuramukwa… Ôo, rimwe na rimwe babaabakomeye cane. Igihe ishengero ryaniha kubwo kurenganywa n'isi yo hanze,bizeye Umwami Yesu, ko isezerano rya Mpwemu Yera ko ari iry'ukuri kuri twebwenk'uko ryari riri ku Bapantekoti, mbega uko baniha ndetse batakishwa n'ibise vyokuramukwa. Ariko igihe bamaze kuvuka, bavukira mu gihagararo aho mu Bwamibw'Imana, maze, mpwemu Yera yashize mw'ishengero, bamwe kuba intumwa, abandiabavugishwa, abandi abigisha, abandi abungere, abandi abavugabutumwa. Maze Yashizemwoaho, kuvuga mu ndimi, gusobanura indimi, kumenya, ubwenge, impano zo gukizaindwara, ubwoko bwose bw'ibitangaza.

29 Aho ishengero riri… Rero,iyi niyo mpamvu yanje yo gukora ibi. Ishengero igihe cose rigerageza gufataimfuruka y'uwundi muntu. Ariko ntimugakore ivyo. Ntabwo worima ibigori mumurima wa Efurayimu, nimba uri uwo mu Bamanase. Utegerezwa gufata ikibanza cawemuri Kristo, ugafata igihagararo cawe. Ôo, biriko biraba ivy'ubwina kandibirimwo ubutunzi mu gihe tugeze hano, Ni gute Imana yashize mw'ishengero umwe avugamu ndimi, n'uwundi… Maze, twigishijwe incuro nyinshi, ko twese dutegerezwakuvuga mu ndimi. Ivyo si vyo. Bakavuga bati"Twese tubwirizwa kubikora." Oya,ntitubwirizwa kubikora. Bose ntibokora ikintu kimwe, buri wese muri bo yari...

30 Buri wese, Igihugu baribaragihawe kandi bakigabangana biciye mu guhumekerwa. Kandi buri wese… Nshoboragufata Ivyanditswe maze nkabereka neza neza, ko yabashize ahantu bategerezwakuba, mu buryo bwo kuba, uburyo iyo miryango ibiri n'igice yategerezwa kubahakuno y'uruzi, n'uburyo ba nyina babivuze bakoma induru mu kubavyara, kandi n'uburyoburi hantu hategerezwa kuba.

Kandi rero inyuma yuko mumaze kwinjira, ivyontibisigura ko wagiye kure y'intambara. Uba ugifise kurwana urwanira buri gacek'igihugu uzobamwo. Uko niko mubona ko, Kanani itashushanya ijuru rikomeye,kubera ko hariyo intambara n'ibibazo no kwicana no kurwana, n'ibindi. Arikovyashushanya ibi; kugira ngo bibe ari intambweitunganye.

31 Kandi aho niho ishengerorigwira uyu munsi; kuri iyo ntambwe. Mbegamurabizi ko n'uburyo wifashe bishobora gutuma umuntu wundi ananirwa gukiraindwara? Ukwifata nabi kwawe kubw'icaha utatuye kuri mwebwe bizera, bishoboragutera iri shengero gutsindwa ku buryo bukomeye. Kandi ku munsi w'urubanzauzokwagirizwa buri cose cabaye muri uko gutsindwa. Ôo, uravuga uti, "Rero,rindira gato, Mwene Data Branham." Uko ni ukuri. Muvyibazeko.

Yosuwa, inyuma yo kwambukaaja mu gihugu, Imana yamuhaye isezerano ko… Noneho mwiyumvire, kurwanaintambara utagize umuntu n'umwe utakaza, habe no gushishuka, bitagusaba kugiraumuforoma, cangwa ubufasha bw'ibanze cangwa mudafise ibande. Imana iravuga iti,"Igihugu ni icanyu; mugende murwane." Ibazekurwana intambara yose, kandi nta Croix Rouge iraho hafi habe n'umwe; nta muntu yategerezwa kugira ico aba.

32 Nuko bica Abamorin'Abahiti, ariko nta numwe yigeze akomereka hagati muri bo kugeza ubwo icaha cajemu nkambi. Kandi igihe Akani yakoze kuri iyo kanzu y'Abanyababuloni no kuri uwomushumi w'izahabu, maze abihisha munsi y'ihema ryiwe, maze ku munsi ukurikirabatakaza abantu cumi na batandatu. Yosuwa aravuga ati, "Muhagarare. Muhagarare.Murindire umwanya muto; hari ikintu kitagenda. Hariikintu kitameze neza. Tugiye guhamagaza iminsi indwi yo kwisonzesha. Imanayaduhaye isezerano. Ko ata kintu kizodukomeretsa. Umwansi wacu azogwa kubirenge vyacu. None hari ikintu kitagenda hano. Hari ikintu gipfuye ahantukanaka, kubera ko dufise cumi na batandatu bapfuye baryamye hano. Ni bene Datab'Abisirayeli, kandi bapfuye."

33 Ni ukubera iki bapfuye, abantu b'ababagororotsi? Kubera ko umuntu umwe yavuye kumurongo. Murabona impamvu ibi bikwiriye kwigishwa? Ishengero rigashirwa kumurongo, rikaringanizwa n'Ijambo ry'Imana, rikaringanizwa n'Imana mazerikaringanizwa umwe ku wundi, rikagenda rikura mu buryo butunganye, rikangutse,imbere y'abantu bose, ritinya Imana. Kubera ko umuntu umwe yivye ikanzu kandiakora ikintu atari akwiriye gukora, bitwara ubuzima bw'abantu cumi na batandatu.Ndibaza ko bari cumi na batandatu, kumbure barenga. Ndibwirako bari abantu cumi na batandatu bapfuye.

Yosuwa arahamagara, aravuga ati, "Hari ikintukitagenda neza. Imana yatanze isezerano, kandi hari ikintu kitagenda."

Igihe tuzanye abarwayi imbere yacu maze bakananirwagukira, dukwiriye gutumizako ukwisonzesha, tugahamagara urusengero. Haba hariikintu kitagenda ahantu kanaka. Imana yatanze isezerano. Imana ibwirizwa gukomezairyo sezerano, kandi Izobikora.

34 Kandi yahamagaje ukwisonzesha. Kandi batangurakurondeza, bafinda ubufindo. Maze Akani aratura. Hanyuma bica umuryango waAkani n'abandi, baturira ivu ryabo, nuko basigara aho ari urwibutso. MazeYosuwa abandanya urugamba, afata ahantu hose atawugize ico aba cangwa ngoakomereke. Ngaho aho muri.

35 Umunsi umwe yari akeneye igihe gito, igihe c'inyongera.Izuba ryari rirenze; abantu ntibari bushobore kurwana mu gihe c'ijoro. Yosuwa,iyo ntwari ikomeye, asizwe n'Imana, yari yashizwe mu kibanza mu gihugu, kimwen'Abanyefeso nk'ishengero risha, bafashe... bafashe igihugu, bariko baragifata,baragihindura. Yari akeneye uwundi mwanya, nuko aravuga ati, "Zuba, hagarara."Kandi rihagarara aho nk'amasaha cumi n'abiri kugeza amaze gufata igihugu. Murabona?

36 Rero, Igitabo c'Abanyefeso kidushira mu kibanzacacu muri Kristo, ico bari co mu gihugu c'isezerano. Ntidushirwa mu gihugucera, ahubwo ni muri Mpwemu Yera. Rero, reka dusome Ijambo, turabe uburyoishengero ritunganye.

,Paulonagizwe intumwa ya Kristo Yesu n'ukw' Imana yabigomvye,...

Ôo, ndakunda ivyo. Imana yamugize intumwa. Ntamukuru yamurambitseko ibiganza, nta musenyeri yigeze amurungika ahariho hose,ahubwo Imana yaramuhamagaye kandi imugira intumwa.

Paulo nagizwe intumwa yaKristo Yesu n'uko Imana yabigomvye, ndabandikiye abera (abejejwe) bari muri Efesob'abizigirwa bo muri Kristo Yesu:

Mwitegereze uburyo abwira aba. Ibi ntivyariivy'abatizera. Ibi ni ivy'ishengero. Vyagenewe abahamagariwe gusohoka, abejejwekandi bahamagawe muri Kristo Yesu.

37 Rero, nimba mushaka kumenyauburyo tugera muri Kristo Yesu, nimuzingurure mu b'I 1Korinto 12, haravugahati, "Kubwa Mpwemu umwe twese twarabatijwe mu Mubiri umwe." Gute? Twabatijwen'iki? Mpwemu Yera. Atari umubatizo w'amazi, mwebwe bantu bo mw'Ishengerory'Imana, ariko inyuguti imwe ni inyuguti nkuru M-p-w-e-m-u, biciye kuri Mpwemuumwe. Atari kubwo gukorana mu minwe kumwe, biciye ku rwandiko rumwe, atarigutonyangirizwako amazi rimwe, ahubwo biciye kuri Mpwemu umwe twese twabatijwemu mubiri umwe, itunga ryacu, igihugu Imana yaduhaye kugira ngo tukibemwo,Mpwemu Yera. Co kimwe n'uko yahaye Kanani Abayahudi, Yaduhaye Mpwemu Yera.Biciye kuri Mpwemu umwe twese twarabatijwe mu Mubiri umwe. Murabitahura?

38 Rero, ariko avugana n'Abanyakanani ba mpwemu, Isirayeli, Isirayeli yampwemu, abo bene igihugu, Oh, mbega ntimunezerewe ko mwavuye muri tungurusumuza Egiputa? Mbega ntimunezerewe ko mwavuye mu bugaragwa? Kandi mwibuke,bategerezwa kurya manu, ivyo kurya vy'Abamarayika bivuye mw' ijuru, kugeza ubwobimutse bakinjira mu gihugu. Kandi igihe binjiye mu gihugu, manu yaciye ireka kugwa.Bari bakuze ico gihe, maze barya ibigori vyeze byo mu gihugu. Hanyuma, ubu ntimukiriimpinja ukundi, ubu ntimukeneye amata adafunguye y'Ubutumwa Bwiza, kugira ngobabakuyakuye, kandi babakubitekubite ku bitugu, ndetse babemeze ko mukwiriyekuza ku rusengero, ubu muri Abakristo bakuze vyuzuye, mwiteguye kurya inyamazikomeye ubu. Mwiteguye kwinjira mu kintu kanaka; yaravuze. Mwiteguye gutahura ikintu c'ubwina n'itunga. Ôo, tugiye gucatwinjira muri vyo aka kanya. Kandi, oh, vyarahishijwe guhere ku matanguriro y'isi.Yaravuze ati, "Ubu rero, mwaje hano, nimwe ndiko ndabwira ibi," atari kuribabandi basigaye muri Egiputa, atari babandi bakiri mu rugendo, ahubwo kuri abobari mu gihugu c'isezerano, abo bakiriye isezerano.

39 Ni bangahe bakiriyeisezerano rya Mpwemu Yera? Ôo, mbega ntimunezerewe, mbega ntimunezerewe ko murimu gihugu hano ubu, muri kurya ibigori vyeze, murya ivyo bintu bikomeyevy'Imana, kandi mufise gutahura kwuzuye. Ivyiyumviro vya mpwemu bitarimwokuvangirwa. Mrazi neza uwo ari We. Murazi neza na neza uwo ari We. Murazi nezaaho mugiye. Murazi neza ivyerekeranye naryo vyose. Murazi ko muri Uwo yizerakandi mukemezwa ko Ashobora kurinda ivyo mwamweguriye kuri uyu munsi. Ôo, Uwoni We; Uwo Paulo ariko aravugako ubu. Mwumve neza. Rero,mwitegereze...

…b'abizigirwa bo muri KristoYesu:

40 Rero, reka nsabe ishengerogusubiramwo ivyo. Ni gutetugera muri Kristo? Ni kubwo kwiyunga n'ishengero? Oya. Mbega ni kubwo gushiraizina ryacu mu gitabo? Oya. Mbega ni kubwo kubatizwa bakwibije? Oya. Mbega nigute twinjira muri Kristo? Biciye muri Mpwemu Yera niho twese tubatirizwa mw'isezeranorimwe, Umubiri, kandi tukaba turi abasangira kuri ivyo vyose biri mu gihugu. Amen.Ôo, ivyo ndabikunda. Iyo mba ntasaraye nari kuza ndavuza induru. Mbega, igihenageze muri iki gihugu, ni icanje. Ndi muhira ubu; ndi muri Kanani. Mbaniyeguriye buri kintu cose Imana ishaka kunkoresha. Mba ndi kugendaahantuheranda, umwana w'Umwami, bose bambaye amakanzu kandi biteguye. Navuye muriEgiputa, nduga mu gihugu c'isezerano, nihanganira ibigeragezo, njabuka Yorodanininjira mw' isezerano ry'umugisha. Ôo, ni gute nabikoze? Biciye kuri Mpwemu umwe,inzira imwe n'iyo Paulo afise, vyangendekeye nk'uko vyamugendekeye, uburyobumwe namwe vyabagendekeye. Biciye kuri Mpwemu umwe twese twarabatijwe, atariugutonyangirizwako, ngo bagutonyangirizeko udutonyanga duke, wumve uguwe neza,ahubwo kwibizwamwo; bose bemerewe koga muri uwo Mpwemu Yera. Iryo niryosezerano.

41 Abanyefeso bacu, Yosuwa wacu ni Mpwemu Yera… "Yosuwa"bisobanura "Yesu, Umukiza." Yosuwa bisobanura Mpwemu Yera agereranya murimpwemu nk'ivyo vyari mu bisanzwe, ko We ari Intwari yacu ikomeye. Ni Umuyoboziwacu akomeye. Nk'uko Imana yari imeze hamwe na Yosuwa, uko niko Imana imezemuri Mpwemu Yera, Ituyobora. Kandi igihe icaha cinjiye mu nkambi, Mpwemu Yerayabategetse guhagarara, "Ni iki kitariko kigenda neza mw'ishengero? Hari ikintukitagenda." Ôo, mbega ntimubona uko twagize abana benshi bene Kishi, ba Saulibenshi baturutse muri za seminari n'amashuri ya tewolojiya kandi bagasohokanuko bakaja kwigisha ibintu vyononekaye, nk'uko Bibiliya yavuze ko bazobikora,biragaragara, ntibaba bafise ukwizera, bitandukanya ubwabo na we, nta sangirababa bafitanye na we, ndetse n'ibindi, bafise ishusho yo kwera kandi bahakanaubushobozi bwakwo, mwene abo uje ubatera ibitugu." Ntibazi iyo baturuka; kandintibokwereka impamvu iyo ari yo yose.

42 Navuze ibi mbikuye kuri Mwene Data Booth Clibborn,umugenzi wanje, nimba hariho ikintu kidakwiriye kitaremwe n'Imana, ikintu kibamw' isi, ni inyumbu. Inyumbu iri hasi y'ibintu vyose. Yo… Ntizi ico irico. Ntiyorondokayo ubwayo na gato. Inyumbu ntiwoyibangurira ku yindi nyumbu maze ngo bihindukeiyindi nyumbu. Yararangiye. Ntizi aho ise akomoka, ntizi na nyina; ni indogobanto n'ifarasi nkuru y'ikigore. Imana ntiyigeze Ikora ivyo. Ibintu nk'ivyontimukabishire ku Mana. Imana ntiyigeze ikora ivyo. Imana yaravuze iti, "Burikintu gitegerezwa kurondoka gikurikije ubwoko bwaco." Ego, mushingantahe. Arikoinyumbu...Se ni indogobwa kandi nyina ni ifarasi nkuru, uko niko itazi ahoibarizwa. Ni ifarasi igerageza kuba indogobwa, cangwa ni inyumbu... Cagnwa niifarasi igerageza guhinduka indogobwa, indogobwa ikagerageza kuba ifarasi;ntizi aho ibarizwa. Nico kintu kitumva ku buryo bukabije kibaho muri iyi si. Ntushoborakuyizera na gato.

43 Kandi uko niko abantu benshi bameze mw'ishengero.Ntibazi se uwo ari we; ntibazi nyina uwo ari we. Ikintu kimwe bazi; bazi ko ariAbaperesibiteriyano, Abametodiste, Ababatiste, cangwa Abapantekoti, cangwaikindi kintu. Ntibazi aho baturuka. Kandi indogobwa ishaje, ushoborakuyivugiriza induru cane mu buryo bwose bushoboka, kandi izohagarara aho mazeishinge ayo matwi yayo manini maze irabe. Ushobora kumubwira ubutumwa ijoro ryose,kandi ntibazi na gato igihe basohokeye kimwe n'ico bakoze binjira. Rero, uko nikobiri. Ivyo sindabivuga ngo mbababaze abantu, ariko nshaka kubabwira ukuri.

44 Ariko hariho ikintu kimwe bashobora gukora; niabakozi beza. Ôo, barakora, bagakora, bagakora, bagakora. Ivyo bizana muvyiyumviro vyanje aba banyamategeko bagerageza gukora inzira yabo ubwabo yokuja mw'ijuru (Uko ni ukuri.), inyumbu. Ôo, Ishirahamwe ry'Abagore ryogufashanya, kandi bagategura ugusangira inkoko, aho bakura ayo kurihaabavugabutumwa, "Kandi tutegerezwa kugira izi ntambo, ndetse n'ibi vy'imibano."Ni ugukora, ugakora, ugakora, ugakora, ugakora. Kandi, bo... Ni iki baba barikobarakora?

Mubabaze,"Mbega mwarigeze mwakira Mpwemu Year kuva igihe mwizereye?"

Baca bashinga amatwi, kandi ntibaba bazi ahobaturuka; "Ni iki ushatse kuvuga,Mpwemu Yera? Nta kintu nigeze ndavyumvako. Ôo, utegerezwa kuba uri mwenebabandi bakundirira." Murabona, ntibazi se uwo ari we, cangwa nyina uwo ari we.Kandi bisaba kubakubita kuri buri kintu ukoze, ugakubita hano ndetse ugakubitan'aha, kandi ugakubita hano ndetse ugakubita n'aha. Uko ni ukuri, inyumbuishaje.

45 Ariko ndakubwiye, ntukeneyegukora nk'ivyo kw'ifarasi yabanguriwe kuyindi yo ku nkomoko. Uyikubita urushirumwe, oh mwene Data, ikaba yagiye. Irazi ivyo ikora. Ôo, mbega ukuntu ari vyiza gutwara ifarasi yabanguriwekuy'inkomoko. Mbega uko ari vyiza. Uravuga uti, "Ngwino, muhungu." Ôo, mugabo,Murabona; vyoba vyiza ufashe cane; ishobora gusiga iyo ntebe yayo mu kirere.

46 Uko niko bimeze ku Mukristoakomoka ku maraso y'inkomoko. Haleluya. "Mwakire Mpwemu Yera. Mwihane, buriwese muri mwebwe kandi mubatizwe mw' Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwaivyaha vyanyu." Aba yagiye; vuba vuba mu buryo ashoboyebwose aja ku mazi, aba yagiye. Ntibashobora kuruhuka ku murango no mw'ijorokugeza bakiriye Mpwemu Yera. Kubera iki? Murazi, Umukristo aba azi Se uwo ariwe. Murabona, bisaba babiri kugira habeho kuvuka (Uko ni ukuri); papa na mama. Inyumbu ntizi

se uwo ari we, n'uwari nyina. Ariko twebwe turaziPapa na Mama abo ari bo, kubera ko twavyawe n'Ijambo ry'Imana ryanditse,rishingiwe intahe na Mpwemu. Petero yaravuze ku munsi wa Pantekoti, "Nimwihanekandi mubatizwa, buri wese muri mwebwe, mw' Izina rya Yesu Kristo, muboneguharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire ariyo Mpwemu Yera."

47 Kandi mwene Data, Umukristoyavutse ubwa kabiri vy'ukuri (Ôo, mbega.), impwemu yiwe… Ako kanya iyo akibonaIjambo, yakira Mpwemu Yera. Mubaze ikintu rero. Aba azi aho ahagaze. "Mbegaurizera ugukira indwara kwa Kimana?"

"Amen."

"Mbega urizera ukuza kwa Kabiri?"

"Amen."

Baza inyumbu ivyo. Idini ry'inyumbu, "Uh, ntavyo nzi.Dogiteri Jones yavuze umunsi umwe..." Ôo, ngaho ahobiri… Mukurikire Sauli. Murabona? "Ôo, ntibazi. Rero, ndababwiye, ishengeroryanje ntiritahura ivyo."

Ôo, mwene Data, ariko umuntu yavutse ubwa kabirin'umugore aba azi neza kugaruka k'Umwami Yesu; aba abizi neza ko afise MpwemuYera nk'uko hari Mpwemu Yera wo gutangwa.

48 Rero, Yesu yabwiye… Umugore yari kw' iriba ati,"Twe dusengera kuri uyu musozi, kandi Abayuda bo basengera i Yerusalemu."

Yaravuze ati, "Mugore, umva Amajambo Yanje. Igihekiraje, kandi ni ubu, igihe Data ashaka ko abamusenga bamusengera mu Mpwemu nomu Kuri."

"Ijambo ni Ukuri." Kandi buri muntu azosomaBibiliya kandi akizera buri Jambo ryose Bibiliya yavuze, kandi agakurikiraamabwiriza yayo, ndetse akakira uwo Mpwemu Yera umwe nk'uwo bakiriye, mu buryobumwe bamwakiriye, azobona nk'ivyo babonye, inkomezi zimwe bari bafise igihe bamwakira,aza azi Se na Nyina abo ari bo. Aza azi ko yogejwe mu Maraso ya Yesu Kristo,avyawe na Mpwemu, yuzuye isigwa. Azi aho ahagaze. Nta nkeka. Aba ari muriKanani. Aba azi aho aturuka. Kandi uko niko bimeze ku Mukristo w'ukuri. Mubazeuti, "Mbega warigeze wakira Mpwemu Yera guhera igihe wizereye?"

"Amen, mwene Data."

49 Umunsi umwe nari mpagararanye n'uwera umwe wa kera,imyaka mirongwicenda n'ibiri, ndiko nganira nawe kuri pasteri w'imyakamirongumunani, ndavuga nti, "Nyogokuru?"

Anezerewe cane kuburyo yashobora bwose, aravuga ati,"Ego, muhungu wanje."

Ndavuga nti, "Hashize igihe kingana iki kuva igihewakiriye Mpwemu Yera?"

Aravuga ati, "Icubahiro kibe ic'Imana. Hashize nk'imyakamirongwitandatu ndamuronse."

Rero, iyo aja kuba ari inyumbu, yari kuvuga ati,"Neza, hinge akanya gato. Baranyemeje kandi barantonyangirizako amazi igihenari… Rero, vy'ukuri, kandi banjanye ku rusengero, kandi njanayo urwandikorwanje kwa kanaka." Ôo, mbega uko biteye agahinda. Nta n'ubwo bazi ahobabarizwa.

Ariko yari azi aho uburenganzira bw'umwana w'imfurabuturuka. Yari aho igihe vyaba. Yavyawe n'amazi na Mpwemu. Yari abizi, kandiamazi biciye mu kozwa n'amazi kubw'Ijambo, bisaba Ijambo.

50 Mwitegereze,uburyo ibi bisigura, "Kuri abo bari muriKristo Yesu." Paulo, rero mwibuke… ndiko ndafata umwanya munini, ariko sindibuheze iki gice. Ariko ngira nihute… Mbega murabikunda?

Ôo, Bitubwira aho turi, ariko ntitwobikora ijoro rimwegusa. Dukeneye ukwezi cangwa abiri y'ibi, buri joro, tukabicako, Ijambo kurindi. Tugasubira inyuma maze tukazana ivyo muri kahise maze tukabirambika ahaIjambo ku rindi , maze tukabereka ko ari Ukuri. Rero, reka nsome uyu murongovuba na vuba kandi.

Paulo nagizwe intumwa ya KristoYesu nk'uko Imana yabigomvye,(atariubugombe bw'umuntu), ndabandikiye aberabari muri Efeso b' (Sahwanya) abizigirwabo muri Kristo Yesu:

51 Bisobanura ko bahamagariwe gusohoka, kwitandukanya,kandi rero twabatijwe na Mpwemu Yera, kandi turi muri Kristo Yesu. "Nimwe ndikombwira iki cete, mwebwe bakundwa." Ôo, ndiko ndibaza aka kanya kuri Paulo ahoyari kumwe nabo, oh, mbega umunezero. Iyo ntumwa nto yemeye ko umutwe wayoucibwa aho hepfo. Narahagaze ahantu baciriye umutwe wiwe. Ariko, oh, umutwewiwe uri kuri uwo mubiri musha, kandi ntushobora kongera gucibwa ukundi. Kandiahagararanye nabo uyu mwanya, iyo ntumwa imwe yanditse ibi. Kandi aravuga ati,"Kuri mwebwe abari muri Kristo Yesu, biciye kuri Mpwemu umwe twese twarabatijwemuri uyu Mubiri umwe." Rero, mwitegereze.

Ubuntu bube muri mwebwe n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no ku MwamiYesu Kristo.

Imana y'Umwami wacu YesuKristo, ari yo Se, iragahezagirwa, yaduhezagiriye….

Ôo, uriko uravyumva gaCharlie?

Yaduhezagiriye imihezagiro yose y'impwemu…

52 Atari bimwe ku ntumwa, na bimwe kuri ibi, ariko yaduhaye Yaduhayeimihezagiro yose ya mpwemu. Uwo

Mpwemu Yera umwe yamanutse kumunsi wa Pentekoti niwe Mpwemu Yera umwe uyu mugoroba. Uwo Mpwemu Yera umweumwe yateye Mariya kuvuza induru kandi akavuga mu ndimi, kandi akagira ibihe vyiza,ndetse akanezerwa, n'ibindi yakoze ni uwo Mpwemu Yera umwe ari hano uyumugoroba. Uwo Mpwemu Yera umwe umwe yemerera Paulo kuri ubwo bwato bwa kera,aho bwasa nk'aho bwanyoye amazi kandi bwari bugenze, iminsi cumi n'inen'amajoro, ata kwezi cangwa inyenyeri, araba aho hanze kandi buri mupfunda wosewari ufise dayimoni kuri wo, imuhengereza kandi imutwenga, maze ikavuga iti,"Ngiye gusomesha nturi uyu muhungu wa kera ubu. Ndakuronse ubu."

53 Kandi mu gihe Pauloamanutse kuja gusenga gato, aho hahagarara Umumalayika, aravuga ati, "Ntutinye,Paulo… Ubu bwato bwa kera bugiye gusambukira ahantu ku kizinga. Genda maze uryeimfungurwa zawe; nta kibazo ubu."

Aza hano hamwe n'iyominyororo kuri ayo maboko yiwe ya kera, ariko ayikwega kuri ivyo birenge vyiwe,maze aravuga ati, "Mwoye gutinya, bagabo, kubera ko Imana, Umumalayika w'Imana,iyo nkorera, yahagaze iruhande rwanje maze aravuga ati, 'Paulo, ntutinye.'" UwoMpwemu Yera umwe ari hano uyu mugoroba, uwo Mpwemu w'Imana, ariko aduha iyomihezagiro imwe ya mpwemu.

…yaduhezagiriye imihezagiro yose y'impwemu ahantu homw'ijuru…

54 Ôo, reka duhagarare hanoumwanya muto. "Ahantu ho mw'ijuru." Rero, ntabwo ari ahantu aho ariho hose, ahubwoni ahantu ho mw'ijuru. Dukoranira "ahantu ho mw' ijuru," bisobanura igihagararoc'abizera. Kuko nimba nasenze, mukaba mwasenze, cangwa ishengero rikabaryasenze, kandi tukaba twiteguye ubutumwa, kandi tukaba dushizwe hamwe twesenk'abera, twarahamagawe, tukabatizwa na Mpwemu Yera, twuzuye imigisha y'Imana,tugahamagarwa, twaratoranijwe, tukagashirwa hamwe ahantu ho mw' ijuru ubu, tubaturi mw' ijuru mu bugingo bwacu. Impwemu zacu yatuzanye mu kirere c'ahantu homw' ijuru. Ôo, ni iki gishobora kuba uyu mugoroba? Ni iki gishobora kuba uyumugoroba nimba dushobora kwicara hano mu kirere c'ahantu ho mw' ijuru, kandi MpwemuYera agenda hejuru ya buri mutima uwo uba wavyawe bundi busha maze ugahindukaicaremwe gisha muri Kristo Yesu? Ivyaha vyose biri munsi y'Amaraso, mu gusengagutunganye, hamwe n'ibiganza vyacu bidugijwe ku Mana ndetse n'imitima idugijwe,yicaye ahantu ho mw' ijuru muri Kristo Yesu, basengera hamwe ahantu ho mw'ijuru...

Mbega mwarigeze mwicara hamwe? Ôo, narahicayekugeza aho ndizwa n'umunezero maze ngatangura kuvuga nti,"Mana, ntuzoreke ngomve aha hantu" ahantu ho mw' ijuru muri Kristo Yesu

55 Iduha imigisha n'iki? Gukira indwara kwa Kimana, kumenya mbere, guhishurirwa,amayerekwa, inkomezi, indimi, insobanuro, ubwenge, ubumenyi, imigisha yose yomw'ijuru, n'umunezero utavugwa no kuzura ubwiza, buri mutima wuzuye Mpwemu,bigendera hamwe, turi hamwe ahantu ho mw' ijuru, nta ciyumviro na kimwe hagatimuri twebwe, nta tabi na rimwe ryanyowe, nta kanzu n'imwe ngufi, nta na kimwemuri ibi, biriya, cangwa ivyo bindi, nta ciyumviro kibi, nta muntu n'umwe afiseico arega uwundi, buri muntu avuga urukundo no guhuza, buri muntu ahuje umutimaahantu hamwe, "Rero mu kanya gato hamanuka ijwi rimeze nk'umuyaga uhuhuta cane."Ngaho aho muri, "Yaduhaye imigisha yose yo mu buryo bwose bw'impwemu."

56 Rero Mpwemu Yera ashobora kumanukira ku muntu, maze akavuga ati, "UKU NIK'UHORAHOAGIZE. Ja ahantu kanaka maze ukore ikintu kanaka." Ukabibona bigendanka gutyo. [Mwene Data Branham avugije intoke ziwe—Umw.] Murabona? "UKU NIKO UHORAHOAGIZE. Ukore ikintu kanaka ahantu kanaka." Ukabibona biba muri ubwo buryo. [Mwene Data Branham avugije intoke ziwe—Umw.]

Iduha imihezagiro yose yo mw' ijuru ahantu ho mw' ijuru. Mwitegereze!

Nk'uko yadutoranirije muri we…

Mbega twarigeze tumutoranya, cangwa Yaradutoranije?Yaradutoranije. Ryari? Rya joro twamwakiriyemwo? Yaradutoranije!

Nk'uko yadutoranirije muri we, itanguriro ry'isi ritarashirwaho, kugira ngotube abera tutagira agasembwa imbere yayo turi (mu madini? )… mu rukundo :

57 Ni ryari yadutoranije? Niryari Imana yagutoranije kugira ngo ugire Mpwemu Yera? Ni ryari Yagutoranije?Imbere y'amatanguriro y'isi… Yarabatoranije kandi ituma Yesu kugira ngo abeimpongano y'ivyaha vyanyu, ibahamagarira kugira ngo mwiyunge, kuri Yo, murukundo. Ôo, twipfuza ko twogira ikindi

gihe kirengako.

58 Reka, imbere yuko tuja kure, tugaruke inyuma, Itanguriro 1:26. NzohagarukaKuwa gatatu. Igihe

Imana yaremye umuntu… Imbereyuko Irema Umuntu, Yitwa “El,” E-l, El; E-l-h, “Elah,” “Elohim.”Ijambo risobanura, mu Giheburayo, “Uwibeshejeho,”iri jambo risobanura, muGiheburayo, “Uwibeshejeho ubwiwe,” vyose kuri We Ubwiwe. Nta kintu cabayeho imbereyiwe. Ni we yariho mu vyariho vyose, Uwibeshaho ubwiwe; “El, Elah, Elohim,” bisobanura “Uwihagije muri vyose; uwufise inkomezi zose, Uwushobora vyose, Uwibeshaho Ubwiwe.” Ôo!

59 Ariko mw' Itangiriro 2,igihe Yarema umuntu, Yaravuze iti, “Ndi Y-a-h-u, J-u-v-u-h, Yahwe, Yehova. Ni iki bisobanura?” Ndi Uwibeshaho yaremye ikintuNgikuye muri jewe Ubwanje kugira ngo abe umwana Wanje, cangwa mu buryobw'agateganyo, cangwa umuto kuri jewe Wanje.‟ Oh, icubahiro. Kubera iki? Yaremye umuntu... ″Yehova‟bisobanura Iyahaye umuntu kuba imana nto. Kubera ko We ari Imana Data, kandiYaremye umuntu ngo abe imana nto, uko niko Yo yibeshaho ubwayo; Ibana n'Umuryango Wayo. Amen. Elah, Elah, Elohim... Rero, hama Yo niYehova, ″Yehova‟ bisobanura ″Uwubana n'umuryango wiwe.‟ Hanyuma, Imana yaremyeumuntu kugira ngo yime hejuru y'isi yose; yari afise ubwami. Kandi isiyari ubwami bw'umuntu. Mbega ivyo ni Ivyanditswe? Rero nimba ubwo aribwo bwariubwami bwiwe, yari imana hejuru y'isi. Yarashobora kuvuga, kandi yaja kubagutyo. Yarashobora kuvuga ibi, kandi bikaba gutyo. Ôo. Ngaho aho Yari iri,Imana, Yehova, Umwe Yabayeho Yibeshejeho Ubwiwe, ariko ubu akaba abanan'Umuryango Wiwe, kandi n'abana bato Biwe hamwe na We... Ngaho aho muri.

60 Rero, mubisome. Tuzovyinjiramwokuwa Gatatu nimugoroba, igihe tuzobona igihe kirushijeho. Dusigaranye gusaiminota cumi n'itanu kandi twe… ndibaza ko ndibugere ku hantu hano, ariko ntibikunda,aho dushirwako ikimenyetso na Mpwemu Yera w'isezerano. Ni vyiza.

61 Rero, ni ryari twahamagawengo tube abakozi b'Imana? Ni ryari Orman Neville yahamagawe ngo abe umukoziw'Imana? Ôo, mbega. Ibi birantangaza. Ndababwiye; reka dufate Ivyanditswe bimwe. Nshaka gufata muri IPetero 1:20. Kandi Pat,ufate mu Vyahishuwe 17:8. Nanje ndafata mu Vyahishuwe 13. Rero, turashaka kumvahano. Murashaka kumenya igihe Imana yabahamagaye kugira ngo mube Abakristo. Ôo,ibi ndabikunda. Ibi… “Umuntu ntazobeshwaho n'umutsima gusa, ariko na buri Jamboriva mu kanwa k'Imana.” Niko biri, Mwene Data Neville, wafashe muri I Petero 1:20?[‟Mwene Data Neville avuze ati, ″1:20.‟—Umw.] Nuko soma 1:19 na 1:20. Mwumveibi. [″1:19 na 20.‟] Ego.

[Ariko mwacungujweamaraso y'igiciro kinini, nk'ay'umwagazi w'intama utagira agasembwa cankeibara, ni yo ya Kristo.]

[Uwo yamenywe n'Imana itanguriro ry'isiritarashirwaho, ariko yerekannywe kw'iherezo ry'ibihe ku bwanyu]

62 Yatoranijwe ryari? Imbereyo kuremwa kw'isi. Mwene Data Pat, nsomera mu Vyahishuwe 17:8.

[Igikoko ubonyecariho kandi ntikikiriho, kandi kigira kiduge kive i kuzimu, kije kuranduka. Kand'ababakw' isi batanditswe amazina yabo mu gitabo c'ubugingo, uhereye ku kuremwakw'isi, bazotangara babonye ico gikoko yuko cariho kandi kitakiriho, kandikizoboneka.]

Ninde azozimizwa? Ninde azozimizwa n'uyu muntu w'umunyedini nk'uko Sauliyari ameze? Yari umunyaruyeri cane kandi akaba atunganye cane kuburyo yoshoborano kuzimiza ba nde? N'abato… [Ikoranirorivuze riti, “abatoranijwe.”—Umw.] Nimba…[“Vyoshoboka.”]Nimba vyoshoboka. Neza, Ivyahishuwe 13:8, rekandabibasomere:

Kandi ababa kw' isi bosebazogisenga, umuntu wese atanditswe izina ryiwe mu gitabo c'ubugingo c'Umwagaziw'Intama, yatanzwe kw'ikimazi uhereye ku kuremwa kw'isi.

63 Amazina yacu yashizwe mu Gitabo c'ubugingo c'Umwagazi w'Intama ryari? IgiheUmwagazi w'Intama yakerewe imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho. IgiheImana yari Yehova, El, Elah, Elohim, Uwibeshaho Ubwiwe. Co kimwe na Diyama ninicane ikomeye, kandi nta kindi yashobora kuba co, ariko imbere muri iyi Diyamamu biyigize hakaba harimwo kuba Umucunguzi. Muri ibi biyigize ku ruhande Rwayo,ikaba Ari Uwukiza indwara. Rero, hakaba ata kintu gihari co gucungura ndetse atan'uwo gukiza indwara, ariko Ibiyigize bikabirema. Nuko rero imbere yukoamatanguriro y'isi ashirwaho, igihe yabimenye, ko uko kugaragazwa gukomeye hanoKwiwe, ko Azoba Umucunguzi, ko Azoza maze akambara umubiri nuko akaba hagatimuri twebwe, kandi Yamenye ko kubw'imishishagu Yiwe tuzokira indwara, YisheUmwagazi w'Intama mu Gitabu ciwe imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho, mazeyandika izina ryawe mu Gitabu imbere y'amatanguriro y'isi.

64 Mwumve neza ibi. Ivyagenweimbere bigaruka kukumenya mbere… Nshaka kuvuga gutoranywa. Gutoranywa kurabainyuma ku kumenywa imbere, naho ivyagenwe imbere biraba ku bizoba. Ntimwibagireko, uku gutoranywa kuraba hano inyuma, ng'ibi hano, “nari urwamfu. Navukiye mucaha, nsamirwa mu kugabitanya, nza mw'isi mvuga ibinyoma, mvukira hagati mubanyavyaha. Nari urwamfu.

Ariko mu kanya gato mpinduka urutete rw'ingano. Nigute vyagenze?” Jewe— Ivyo ni ibiki? Gutoranywa. Imana, imbere y'amatanguriroy'isi, yatoranije ko urwamfu rutegherezwa guhinduka urutete rw'ingano. “Rero,nzi ko ndi urutete rw'ingano, kubera ko nakijijwe. Ndabikora gute? Raba inyumaurabona ko yabigenye imbere, kera cane. Kubwo kumenya mbere Yabonye ko nshoborakumukunda, nuko Arema intebe yo guhongerako biciye mu Mwana Wayo, kugira ngobiciye muri We nshobore kuva kukuba urwamfu mbe urutete rw'ingano. ”None, ubundi he?“ Narakijijwe; ndiko ndagenda mu buntubw'Imana. ”Ni iki kugena imbere kuraba?“ Iherezo. ”Mbega ni he Azonjana, kandinihe ngiye?“ Ivyo birababafashe. Ngaho aho muri.

65 Ubu rero hinge dusomeimbere gato, hanyuma biraba ngobwa ko duca turangiza vuba.

Nk'uko yadutoranirije muri weisi itararemwa, kugira ngo tube abera tutariho umugayo imbere yayo.

Kuko yagambiriye kera kubw'urukundo rwayo ko duhinduka abana bayo, tubiheshejwe na Yesu Kristo kubw'ineza y'ubushake bwayo.

Ni iki Yakoze? We, kubwo kumenya mbere, yatubonye mbere,Yari aziko ari Umucunguzi, Uwibeshaho Ubwiwe. Nta Bamalayika bari bahari, ntakintu na kimwe; Imana gusa, Elah, Elohim,Uwibeshaho Ubwiwe, nta kindi cari gihari uretse We wenyene. Ariko muri We yariUmukiza. None, ni iki Yari kuzokiza? Nta kintu cari cazimiye. Kubwo kumenya ivyo,kuba Yaramenye ko iki kimugize gikomeye muri We caja kwerekana ikintu hariyahakurya ico Yashobora gucungura. Rero igihe gikoze ivyo, kubwo kumenya mbereIraba hasi maze Ibona buri wese yashobora kuvyemera. Kandi kubwo gukora gurtyo,Aravuga ati, “Gucungura ivyo, inzira imwe gusa noshobora gukoresha, ni UkumanukaUbwanje maze Nkambara umubiri nuko Ngafata icaha c'umuntu Nkacishirako, mazeNkamupfira, kugira nshobore kuba Uwo gusengwa,” kubera ko We ni Imana, umuntuwo gusengwa.

66 Hanyuma Aramanuka maze Avyishirako Ubwiwe. Kandi mu gihe yakoze ivyo,Yakoze ivyo kugira ngo

Ashobore gucungura wewe ushakagucungurwa. Murabona ico nshaka kuvuga? Kubwo kumenya mbere, Iyo Mana itagiraiherezo, Iyo yamenye ibintu vyose, yaronse Umwagazi w'Intama, maze Itanga kw'ikimaziUmwagazi w'Intama imbere y'amatanguriro y'isi, maze Ishira izina ryawe muGitabo c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama. Kandi ibona uruhendo rwa Satani, ico yagiraakora. Nuko Ishira izina ryawe aho. Hanyuma Iravuga iti uwo antikristo azobaari uwihaye Imana, ari mwiza cane, uwo muntu w'igiciro, uwo muntu azi ubwenge,uwo muntu yihaye Imana, kugira ashobore kuzimiza n'abatoranijwe nimba vyoshoboka.Ariko ntibishoboka, kubera ko amazina yabo yamenywe imbere yuko amatanguriroy'isi ashirwaho. Biciye mu gutoranya Yarabatoranije, kandi mu vyagenwe imberebamenye aho bagiye. Ngaho aho muri.

67 None, ninde ashobora gukekeranya kuri ivyo? Ico nico Paulo yavuze. Ico ni icete ca Paulo. Izo ni inyandiko za Paulo. Iconico yigishije ishengero ryiwe. Ishengero, arishira mu kibanza, imberey'amatanguriro y'isi, igihe Imana mu bise vyo kuramukwa yariko ivyara,ikuvyara, imenya ico uzokora, Igushira mu kibanza c'aho ukwiriye kuba mu MubiriWayo, ko uzoba umugore mu rugo, ukaba umurimyi, ukaba umuvugabutumwa, ukaba umuvugishwa,ukaba ibi, cangwa ukaba biriya. Igushira mu kibanza. Rero igihe tuvuye muri icogihugu ca tungurusumu arico Egiputa, biciye mu gutsindishirizwa maze ukabatizwamu gihugu c'isezerano... Kubera ko isezerano ry'Imana ari Mpwemu Yera. Efeso4:30, haravuga hati, “Ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana uwo mwashiriwekoikimenyetso kugeza ku munsi wo gucungurwa kwanyu.” Rero Imana, kubwo kugenambere ishengero, Yaravuze iti, “Kandi abantu bose, bazoba ari amamiliyonikugwiza amamiliyoni bazogenda nk'abantu b'Imana kandi bakazimiza.” Umwe wenyeneatazozimizwa azoba ari abo bamaze kugera mu gihugu c'isezerano, abo imberey'amatanguriro y'isi amazina yabo yashizwe mu Gitabo c'Ubugingo c'Umwagaziw'Intama, kandi bakaba baraje mu gihugu c'isezerano, kandi bakabinezererwa.

68 Abantu benshi baba bafise ubwoba ko ugiye gukoraibintu biteye isoni. Abantu benshi baba bafise ubwoba ko Mpwemu Yera azoguteragukora ikintu… Uzokorwa n'isoni imbere y'abantu. Abantu benshi baba bafiseubwoba ko bashobora kurira, kandi abakunzi babo bakababona bariko bararira,cangwa mama, cangwa umubanyi, cangwa umukoresha akakubona.

Reka mbabwire umuntu igihekimwe, imbere yo kurangiza. Hari umuntu yitwa Dawidi, kandi igihe isanduguy'Imana yariko imanuka iva mu gihugu c'Abafilisitiya, kandi irajabuka, isanduguikwegwa, Ibimasa vya kera vyariko birayikwega, igihe Dawidi yabona iyo sanduguiza, yari yambaye ikanzu nto, yirukira aho, aterera amaguru hejuru, kandiasimbagurika aho hose, maze arakoma akaruru kandi arasimbasimba, ndetsearatamba kandi ariterera hejuru anatamba, nuko we, umwami w'Isirayeli. Nukoumugore wiwe araba aho hanze mw'idirisha maze amubona ariko arakora mu buryobudasanzwe, aramusuzugura. Kuko, ategerezwa kuba yaravuze ati, “Ikijuju, rabahariya, uburyo ariko arifata, aterera amaguru yiwe hejuru, kandi asimbagurikandetse akora n'ivyo, koko, abwirizwa kuba yasaze.” Maze iryo joro igihe atashe,umugore aravuga, mu majambo nk'aya, ngo “Kubera iki, wankojeje isoni. Kuberaiki, wewe umwami, umugabo wanje, hariya hanze wakoze ibintu nk'ivyo. Ugakoranka gurtyo. ”

Dawidi aravuga ati, "Ejonzobikora birushirije. Ego mushingantahe" Aravuga ati, "Mbega ntuzi ko narikontambira Umwami?" Yari yarajabutse. Yari mu gihugu c'isezerano. Yari yaratayeivyo yigize n'iyo myanda y'isi. Yari anezerewe kumenya ko isandugu yariko izamu gisagara ciwe.

69 Ôo, ndababwiye, abantubamwe baragira ubwoba bwo kwakira Mpwemu Yera, bafise ubwoba ko bashobora kuvugamu ndimi. Bafise ubwoba ko umuntu ashobora kuvuga ati: "Ôo, uriya ni umwe womuri babandi bavuga mu ndimi." Bafise ubwoba bwo kuza ku rusengero kugira ngobabatizwe mw' Izina rya Yesu Kristo, kubera ko baba batewe isoni navyo. Uh. Ôo.

Umuntu umwe yarambwiye ngo nkwiriye kugira bandeyanje nkura mu bantu, kubera ko navuze ubutumwa ku kubatizwa mw' Izina rya YesuKristo. Sinoyikurayo. Ndiko ndakora n'izindi nyinshi. Uko ni ukuri. Uko… Ndikondakora ibisumbirije… Iyo ni Bibiliya. Nimba batakunze ivyo twakoze ejohashize, nibarindire bazobona ico tuzokora ejo hazoza. Ico nico kintu cogukora, Murabona, Mubandanye mugende. Nta herezo kuri ivyo, kubera ko ni ivy'Umwami.Ni Imana.

70 Murazi ico Imana yakoze?Imana yaravye hasi iri mw' ijuru; Iravuga iti, "Dawidi, uriumuntu uhuye n'umutima Wanje." Dawidi ntiyari atewe isoni. Yari umusavyiw'Umwami. Yarakunda Umwami. Kandi yari anezerewe, uko niko yanezerewe birenzeakagero, kugeza aho atigeze yibaza ku binezereza vy'abantu.

Murabona, nk'uko nabivuzemu butumwa bwanje muri iki gitondo, dufise ubwoba cane, kuburyo dushaka koSauli atwigisha. Turishakira Sauli avuye muri seminari kugira ngo atubwireuburyo dukwiriye gukora iyobokamana ryacu n'uburyo dukwiriye kurikora. Ivyobiri ku rundi ruhande rwa Yorodani. Uru ruhande,Mpwemu Yera ararongora. Hakuryahano uba warenze ivyondo. Aha hakurya ntiwitaho ico bavyibazako. Hakurya hanouba warapfuye, kandi ubuzima bwawe buba buhishijwe muri Kristo aho... Kandi ubaushizweko ikimenyetso na Mpwemu Yera. Ntuba uvyitayeho. Uba uri kuba muri Kanani.Ushobora kugumana ibigori vyiza. Uri Icaremwe gisha muri Kristo Yesu. Ubawibereye mu gihugu c'isezerano.

71 Nibuka mpagaze ahohakurya, Mwene Data Collins, imyaka mirongwitatu ishize, igihe iri shengero ritaribwubakwe, hari agahema gato ko guhuriramwo hano mu mfuruka, ibikorane vyanje vyambere. Nariko mvuga ubu Butumwa nyene, ico kintu nyene, ubutunzibudaserangurika buri muri Kristo, umubatizo mu mazi mw'Izina rya Yesu Kristo,kwizera ko buri Jambo ari ukuri, Umubatizo wa Mpwemu Yera, Gukira indwara kwaKimana, inkomezi z'Imana, nk'uko ndavyigisha ubu, sinigeze mpindura n'agace nagato. Imana yabandanije impishurira ivyo kurushiriza, uko Yabihishura,nabandanije kubibazanira. Ntiyigeze ihindura uko vyari biri; Yabandanya yongerako ibindi kuri vyo.

72 Nahagaze aho hepfo igihe abantubagera nko ku majana atanu bari bahagaze aho ku nkombe bariko baririmba, bizungurukaisi, aho haruguru muri Canada n'ahandi. Bavuga bati, "Umuco udasanzwewagaragaye ku muvugabutumwa asanzwe w'Umubatiste igihe yariko arabatiza." Iminsimike inyuma Dogiteri Lamsa yaraje kundaba, kandi nta kintu na kimwe yari azikuri vyo, maze anzanira ifoto, iyo mwene Data afise hariya ubu… Mbega urafiseya foto? Mbega wazanye Bibiliya, irimwo aho; yari mu gitabo cawe? Nivyo. Hariho ifoto y'ikimenyetso c'Imanac'Abaheburayo ba batama ba kera, neza na neza ivyo vyabayeho mu minsi ya Yobu, imbereyuko Bibiliya yandikwa. Imana mu biyigize vyayo bitatu, atari imana zitatu; Imana imwe mu biyigize bitatu, Data, Umwana, na Mpwemu Yera, imero zitatuizo Imana ikoreramwo. Atari Imana zitatu, ahubwo ibiyigize bitatu. Kandi ng'ibi aho.

73 Bizunguruka isi, ahoharuguru muri Canada n'ahandi. Baravuga bati, "Umuco udasanzwe wagaragaye kumuvugabutumwa asanzwe w'Umubatiste igihe yariko arabatiza."

Iminsi mike nyuma ubwo Dogiteri Lamsa yajekundeba, kandi nta kintu na kimwe yari azi kuri ivyo, maze anzanira ifoto, iyomwene Data afise hariya ubu… Mbega urafise ya foto? Mbega wazanye Bibiliya,irimwo aho; yari mu gitabo cawe? Nivyo.Hari ifoto y'ikimenyetso c'Imana c'Abaheburayo ba basaza ba kera, neza nezaivyo vyabayeho mu minsi ya Yobu, imbere yuko Bibiliya yandikwa. Imana mubiyigize vyayo bitatu, atari imana zitatu; Imana imwe mu biyigizebitatu, Data, Umwana, na Mpwemu Yera, inzego zitatu Imana ikoreramwo. AtariImana zitatu, ahubwo ibiyigize bitatu. Kandi ngibi aho biri.

74 Igihe uyu mugaboakomeye, Dogiteri Lamsa, uwo yasobanuye Bibiliya ya Lamsa, igihe yavuga muriico gitondo igihe namubwira ivyo, ndavuga nti, "Ico kimenyetso ni ikihe?"

Aravuga ati, "Ico nicocari ikimenyetso c'Imana mu Baheburayo; Imana, Imana imwe mu biyigizebitatu."

Ndavuga nti, "Nka Data, Umwana, na Mpwemu Yera?"

Arahagarika, maze ashirahasi igikombe ciwe c'ikawa; arandaba. Gene, ndibwira wariuhari, Leo. Aravuga ati, "Mbega urizera ivyo?"

Ndavuga nti, "Hamwe n'umutimawanje wose."

Aravuga ati, "Ijoro ryahise, mpagaze mu gikorane cawe,Mwene Data Branham, narabonye kurya

kumenya ibinyegeje mu mitima. Sinaribwigere mbibona imbere y'aho muri Amerika, cangwa mu gihugu canje." Aravugaati, "Aba bantu b'Abanyamerika ntibanazi Bibiliya. Ikintu conyene bazi niamadini yabo. Ntibanazi aho bahagaze." Aravuga ati, "Nta kintu na kimwe bazi."Aravuga ati, "Ariko igihe nari mpagaze aho umugoroba wahise," Navuze... Rero,Mwene Data Gene, ibi ndabivugana ukwubaha n'urukundo; Aravuga ati, "Navuze nti,'Uyu ategerezwa kuba ari umuhanuzi.' Maze kubona ko wizera Data, Umwana, na MpwemuYera ko atari imana zitatu, ahubwo ari ibiyigize, niho namenye ko uri umuhanuziw'Imana naho ubundi ntiwari kubihishuririrwa urtyo." Aravuga ati, "Iki niikimenyetso gitunganye." Aravuga ati, " Sinigeze..." Ati, "Nturi Umunyabumwe?"

75 Ndavuga nti, "Oya,mushingantahe. Sindi Umunyabumwe. Nizera ko Imana ari Imana ishobora vyose,kandi ibi biyigize bitatu ni inzego zitatu izo Imana imwe ibamwo."

Aravuga ati, "Umutima wawe uragahezagirwa." Ati,"Umunsiumwe uzosesa amaraso yawe hasi kuberaivyo" nuko aravuga ati, "Abahanuzi igihecose bapfira ivyo bashingira intahe."

Maze ndavuga nti, "Reka bibe gurtyo, nimbabihimbaye Umwami wanje." Insobanuro ya Bibiliya ya Lamsa…

76 Ôo, ni ukuri. Ni incuro zingahe nabwiye irishengero, nk'uko Samweli yabivuze imbere y'uko batoranya Sauli nti, "Imbereyuko mugenda ngo mwiyunge n'idini ubu,kandi ngo muje kwibohesha ubwoko kanaka bw'amadini, kubera iki mutareka ngoMpwemu Year abarongore?" Kubera iki mudafata Imana ngo ibabere Umuyobozi. RekaIbahezagire, kandi mwibagire amadini yanyu. Rero, sindiko mvuga ngo ntimukagireurusengero na rumwe rw'idini mubarizwamwo; wobarizwa murwo ushaka rwose.Ivyo ni ivyawe. Ariko ndababwiye, nk'umuntu ku giti ciwe, uzoreke Mpwemu Yeraakurongore. Uzosome Bibiliya. Kandi ico Bibiliya izovuga azobe arico ukora, Uzogikore.Imana ibahezagire.

77 Kandi rero, narindiriye igihe kirekire. Ndibaza nimbahari uwuri hano ashaka kuja mu murongo w'amasengesho kugira ngo asengerwe. Nimbabahari, mbega boduza ibiganza vyabo? Umwe, babiri, batatu. Ntaco. Mwese murashoborakuduga hano maze mugahagarara hano nimba mubishaka, muri uyu mwanya, kandituribubasengere. Kandi rero... Sinshaka ko mugenda. Ndashaka mu buryo bwemeweko dukora ikindi kintu hano imbere yuko dusozera.

78 Ni bangahe hano bakunze kwigaIgitabo c'Abagalatiya? Ôo, nshaka kuvuga Abanyefeso? Rero, kuwa gatatunimugoroba tugiye kuja ku Kimenyetso. Kandi rero uw'iyinga uza mu gitondotuzinjira mu gushira mu kibanza ishengero. Ôo, nimba… Kumbure tuzinjira muri ivyokuri uyu wa Gatatu utaha nijoro, kuri mwe bantu bari hano muri Jeff. Gushiraishengero mu kibanza aho ritegerezwa kuba, umwe wese muri mwebwe, uburyoduhamagarwa biciye mu kugirwa abana. Imana yadutoranije mu kuba abana; turi abana biciye mu kuvuka, tukaba twaragizwe abana kandi tugashirwa mukibanza na Mpwemu Yera. Murabe. Umwe wese muri bo yari Umuheburayo, igihebajabuka uruzi, ariko Yosuwa yabagabanganije igihugu kandi aha buri weseishamvu yiwe akurikije ivyavuzwe na nyina wiwe igihe yavuka, aho Mpwemu Yerayamubwiye.

79 Murabe Yakobo igihe yari agiye gupfa, umuhanuzi,yarahumye, akura ibirenge vyiwe ku buriri, aravuga ati, "Muze bana ba Yakobokandi ndababwira aho muzoba muri mu minsi yanyuma." Ôo, ôo, ndabizi ko nshoborakugaragara nk'akabarore. Abantu bashobora kugaragara nk'akabarore. Ariko, ôo,mushoboye kumenya gusa intahe,... uburyo birurumba mu mutima. "Kuza mazenkababwira aho muzoba muri mu minsi yanyuma." Kandi nshobora gufata ivyo Vyanditswebimwe, maze ngafata ikarata ndangahantu y'ahantu Abayahudi bategerezwa kuba uyumunsi maze nkabereka ko bari ahantu Yakobo yavuze ko bakwiriye kuba mu minsiyanyuma. Kandi ntibigeze babikora; ntibigeze baba aho hantukugeza bagarutse mu kwagatanu kw'itariki 7, 1946, iryo joro Umumalayikaw'Uhoraho yarambonekeye aho maze ambwira iki gikorwa. Kandi ndashoborakwerekana ko igihe bagarutse mu gihugu gisha, baciye baronka ahantu Yakobo yariyaravuze ko babwirizwa kuba. Kandi aho niho bari uyu munsi. Ôo, ôo, mbega, oh,mbega. Twongeye kwegera hafi yo muhira umunsi umwe, ngivyo vyose.

80 Mwebwe bantu bakundwa,murarwaye, cangwa ntimushobora guhagarara aho kubwo guhagarara gusa. Ndi mweneso. Mfise igikorwa c'Imana co gusengera abarwayi. Nka kimwe… ko noba mfiseubushobozi bwo gusengera abarwayi, ntabwo mfitse. Ariko mfise ubushobozi bw'amasengesho.Nk'uko nabivuze muri iki gitondo, Dawidi nta kintu yari afise uretse itopitontoya, ariko aravuga ati, "Ndazi ico ishobora gukora n'inkomezi z'Imana kuri yo."Murabona? Mfise isengesho rito ryo kwubaha, no kurambika ibiganza kuri mwebwe,ariko ndazi ico kwizera Imana biribukore. Vyarakoretse ku bandi. Bizokorekakuri wewe. Ivyo muravyizeye ubu mu gihe muhaguruka... muri hafi y'aho hantu.

81 Kandi nashatse kugira ibi ngo bibe bitunganye, nimbantashobora gusaba mwene Data ngo aze hano maze abasige amavuta. Mbega wobikora,Mwene Data Neville? Ndasaba ishengero ko ryokubika imitwe turiko turasenga.

Rero, mwibuke, indwi ishize igihe nari ndwaye canehamwe nayo mavuta, nari gutanga buri kintu mfise iyo ndonka umuntu ashoborakuza maze akandambikako ibiganza. Iyo nshobora kuronka umuntu aza, uwo Imanayahaye umugisha kandi ikamufasha, nari kubikunda cane. Mwese uko niko mwiyumvank'uko nari

meze ico gihe. Mwumva mushaka ko nokora nk'ivyo nashaka ko umuntuyonkorera ico gihe. Imana indinde kuba nokwigera mpunga igikorwa. Reka igihecose, noba naniwe, noba ndushe, kugeza aho bigoye kuba norenza ikirenge kukindi, naho uzondeke ngende, kubera ko nzohura na buri wese muri mwebwe iyindincuro hakurya aho muri ico gihugu.

82 Rero mwebwe bagorebakamakare, batama, mwararushe, kandi umushatsi w'imvi ugenda utakara, kandiucikamwo uduce nk'uko ishurwe rigenda ryiyugurura, maze rigakabirana, mwacitse ubunywenywe,sivyo? Uko ni ukuri. Gusa... Kandi ikintu conyene mukeneye ni ukurabagiranak'ubwiza bw'Imana. Birtyo igihe umwansi abakozeko ubu maze akiruka, je nzanye itopitoy'Imana, hamwe no kwizera, hamwe n'impano Imana yampaye. Ng'iki ico navuze,kugira mubitahure. Navuze nti, "Petero aramutse yinjiye hano, cangwa bamwe muribo." Ntimukavuge ivyo. Ntimukeneye kunsengera. Muze hano nka gurtya gusa, mazemuvuge muti, kimwe no kuri uyu mugore, muvuge muti, "Mbega uri Mushiki wacu kanaka?"Izina ryawe ni nde? Mushiki wacu Howard. Uvuge uti, "Uri Mushiki wacu Howard.Uri uwizera, Mushiki wacu Howard? Urizera, mbega uri uwizera? Rero, murabona,ufise uburenganzira ku migisha yose y'ubucunguzi." Rero nzovuga nti, "Mushikiwacu Howard, buri kintu kiragenda neza, kandi ugende." Ôo, ni gute... Naravuzenti, "Nokwiha akamo, nkavuza induru." Nkavuga nti, "Mwami, niko bitregerezwakuba. Niko bitegerezwa kuba."

Kandi nibajije nti, "Rero, abantu bibaza ico kintunyene iyo nje kubasengera." Ico nico. Murabona iconshaka kuvuga?

83 Nagiye mpagarara, kenshi, mazengafataabantu,nuko nkavuga nti, "Ôo, mushiki wacu mukundwa, mbega murashoborakuvyizera? Ôo, urashobora kuvyizera?""Mwami, Mana, utume bavyizera. Ubatere kuvyizera." "Ôo, ndabingize, mbegamwoshobora kuvyizera aka kanya?" Uko siko biri. Ivyo narabirenze... Nagiye kurey'ivyo.

Mvuga ibi gusa nti, "Mushiki wacu Howard, mbega uri uwizera?"

"Ego, ndiwe."

"Niko biri, Mushiki wacu, nimba uri uwizera, urin'umuragwa wa buri kintu cose Imana ifise." Maze ngafata ikiganza ciwe.Murabona, ivyo ndavyizera. Nakoze kuri Mushiki wacu Howard kubwo kumurambikakoibiganza. Yesu ntiyigeze avuga ati, "Muzobasengere," Yavuzeati,"Muzobarambikeko ibiganza." Ni uko biri, hanyuma bazokira indwara. Ashoborakuvuga ati, "Buri kintu kiraza kugendaneza," Mushiki wacu Howard. Rero ja muhira kandi ugubwe neza. Imana iguhezagire.

84 Uri mushiki wacu? Mushiki wacu Hamdon, uriuwizera, mbega sivyo? Uri umuragwa kuri buri kintu Ifise. Imana ibane nawe,Mushiki wacu Hamdon. Taha kandi ugubwe neza ubu; Yesu Kristo aragukiza. Amen.

Mbega uri mushiki wacu…[Mwene Data umwe avuze ati, "Slaughter."—Umw.] Slaughter. Ni… Uri wa wunditwasengera hariya ku bitaro. Uri uwizera, rero, mushiki wacu Slaughter, uriumuragwa w'ivyo dusaba vyose. Mushikiwacu Slaughter, reka wakire buri kimwe cose wasavye kandi ugubwe neza. Imana iraza kubiguha.

Mwene Data Gene, mbega urizeye ko Imana iza kuguha ? [Mwene Data Gene avuze ati, "Ego, mushingantahe. Egomushingantahe."—Umw.] Kandi reka Umwami Imana ibiguhe, Gene, neza neza ico wasavye…

Ndakuzi. [Mushikiwacu ario aravuga—Umw.]Urizera, mushiki wacu. Ndakuzi. Urya ni umugabo wawe hariya. Uyu niwe nasengeye kuri telefone wa munsi. Igihe cose nzakwamandavyibuka. Ntiyashobora kuja mu bikorane i Tulsa. Aza mu bikorane, maze Umwamiaramukiza, maze amurungika mu bikorane. Watumwe, uri hano kubera uwundi muntu.["Umwishwa wanje."] Mbega ikintu ciza kuMukristo, mushiki wacu. Murabona, Yaratumwe nawe nuko Araduhagararira uku tweseturi. Uri uwizera kandi ufise uburenganzira kuri buri kintu cose Imana yasezeranije.Ndi umukozi Wayo. Kandi mw' Izina rya Yesu Kristo nguhaye ico wasavye.

85 Ngwino, Mwene Data Neil. Imana iguhezagire.Vyabaye vyiza kuri mwebwe. Uri uwizera; ndakuzi. Nizeye ko Imanaiguha buri kintu cose wasavye, kubera ko uri uwizera. Kandi nk'umukozi Wayo,kuri wewe, mwene Data, mw'Izina rya Yesu Kristo nguhaye icifuzo c'umutima wawe.Genda kandi uvyakire. Imana ibahezagire.

Mushiki wacu Bruce, ndakuzi. Uyu muforoma yariinyuma yanje arakuzi. Yahoze aba hakurya kuri Motel J, J, Twin J, cangwa ikintunk'ico. Uraserukira abandi. Kandi ni iki wipfuza ko Data agukorera? [Mushiki wacu Bruce avuze ati, "Kubwanje, uyumugoroba."—Umw.] Kubwawe uyu mugoroba [Mushikiwacu Bruce yongeye kuvuga.] Rero, umwansi yagusunikiye aharenze aho abaganga bagera; ariko ndagukurikiye n'itopito. Kandi mw'Izina rya Yesu Kristo ntumberejeitopito aho kuri ayo mabuye yagiye mu mafyigo maze akahaterakuziba.Birakugarukana ku Mana, mu nzu yayo.

Tubigusavye, biciye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

86 Uri se w'uwu muntu, mushinganta? Uri uwizera ? [Uwo mweneData ariko aravuga—Umw.] Musipa mu rubavu, musi, no mu rubavu rw'ibubamfu. Urizeye ko Imanaibigukorera, mugabo? Kandi nk' umukozi Wayo.

Mwami, ibi biganza kumburevyakoze ibikorwa bikomeye mu minsi, yaje hano kubera impamvu, hari ikintu cogukora. Umuhe icifuzo c'umutima wiwe, Data, nk'uko nsenze mw' Izina rya Yesukugira ngo Ubikore. Amen.

Ntukekeranye. Iyo musipa iraza guhagarara irekekukubabaza aho hepfo, kandi uramererwa neza. Imana iguhezagire…?....

[Mushikiwacu umwe avuze ati, "Mbabara umutwe,n'umuhogo n'imbavu iyo nkoroye. Sinshobora kuririmba. Nta na kimwe nshoboragukora. Ndi…?…Kandi sinshobora gusinzira cane. Nta n'ikintu nshobora gukora."—Umw.]Uri uwizera, sivyo? ["Ndiwe. Nduzuye Mpwemu Yera."] Uri uwizera. ["Ndazi yuko Imana imbamwo."] Kandi uri-uri umuragwa kuri iyi migisha yose.[ Ndabizi. Ndizeye. Ndizera amasengesho yawe, MweneData Branham. Ndizera yuko Imana iza kunkiza. Ndizera yuko yishura amsengeshoyawe."] Urakoze.

Data, nzanye uyu mushiki wacu ari mu murongow'umuriro, aha mu muzingi w'intego. Kandi ndamugaruye kuri wewe, ndamukuye muvyara vy'umwansi, mw' Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Uko nikobiza kugenda.

[Mushikiwacu umwe avuze ati, "…?...mfise ihaha ririko rironoonekara, irindi ryarononekaye,"—Umw.]Ukubagwa amahaha.

Ô Mwami, nk'uko uyu mugore muto ahagaze hano, nyamaraaracari mu gihe c'ubuto, ndamusengeye. Kandi ihaha ritegerezwa gukurwamwo,kandi bigaharika ubuzima bwiwe busigaye. Uri Data, ndetse nerekeje umurirow'amasengesho kuri we, Mwami, aho nyene kuri iryo haha. Ndungitse ayamasengesho mw' Izina rya Yesu Kristo; reka bibe gurtyo. Mw' Izinarya Yesu Kristo, niho mbisavye. Amen.

87 Uri Mushiki wacu…[Mushikiwacu avuze ati, "Mushiki wacu Gibbs."—Umw.] Mushiki wacu Gibbs. ["Inyuma kumutwe wanje, ndafise ububabare hano inyuma."] Inyuma ku mutwe, ububabare bwinshi. Uri uwizeran'umuragwa w'imihezagiro yose y'Imana, Mushiki wacu Gibbs.

Mwami, ndamuzanye hamwe n'iyi topito ntoyiWampaye. Nk'uko Wahaye Dawidi itopito kugira ngo arinde intama za se, kandiumwansi aje akinjira akurikiranye intama, ntiyagiraga ubwoba; yafata iyo topito nuto maze agakurikirana iyo ntambwe na-n'idubu, mazeakagarura iyo ntama. Iri ni isengesho ryo kwizera. Warambwiye ngo ninashikanaabantu aho bizera kandi bakaba abanyakuri." Ndagarukanye mushiki wacu Gert uyu mugoroba. Ndamushikuye mu maboko y'umwansi.Ni intama yawe. Ndamugarukanye mu mukuku wa Data, Mw' Izina rya Yesu Kristo. Amen.

[Mushikiwacu umwe avuze ati, "Mushiki wacu Lowe."—Umw.]Mushiki wacu Lowe. ["Mfise ivumbuka ry'imirindiy'amaraso."] Ivumbuka ry'imirindi y'amaraso. Kandi uri uwizera, siko, Mushikiwacu Lowe? Umuragwa w'imigisha yose?

Rero, Data Mana, ntumbereje iri sengesho uyu mugorobank'irivuye mw'itopito y'Imana kuri iryo vumbuka ry'imirindi y'amaraso rya Mushikiwacu Lowe. Reka ubutaha aho muganga azofatira ibipimo vy'imirindi y'amaraso,azomurabe maze avuge ati, "ubu bimeze neza." Azomenya icabikoze. Mw' Izina ryaYesu Kristo ndabimuhaye. Amen.

88 [Mwene Dataumwe ariko avugana na mwene Data Branham—Umw.] Ego. Nifuza ko nogira papa wanje hano uyu mugorobakugirango musengere muri aka kanya. Ndabikora no ku wawe. Ndatahura.

Data wo mw' ijuru, umuntu yavyaye uyu muhungu, ubuakaba ari hano kw' isi kubera we. Kandi icifuzo ciwe ni uko se yogarurwa, ahoari kure aho mw' isi y'icaha, mu nzoga. Ô Mwami, ndarungitse iri sengesho hamweno kwizera n'inkomezi, ndetse hamwe n'uburyo bwose nshobora kurirungika, iri niakabuye gato mw' Izinavry'Umwami Yesu. Ndariteye satani uwo yashizeho ico kintucamufatiye hakurya. Nikiveho. Maze aze mu mutekano mu mukuku mw' Izina ryaYesu. Amen.

[Mwene Data umwe avuze ati, "Nsengera, mwene DataBranham, kugira ngo ndonke Mpwemu Yera. Ngomba kwakira Mpwemu Yera. Ntegerezwa.Ndafise inyota. Ntegerezwa kwakira Mpwemu Yera."] Ufise icifuzo co kumwakira.Ushaka kuza mu Gihugu ahari amasezerano yose. ["Ego."]

Rero, Mwami, uyu muhunguari hakurya y'uruzi, urusago rwiwe ruri ku rundi ruhande na Yorodani irikoiruzura. Kandi nta nzira ihari kiretse Umuciriye inzira nk'uko Wabikoze kuriYosuwa na Isirayeli. Kandi, Data, ndagusavye nk'umukozi Wawe; reka mwene Data w'igiciro, Ô Mana, reka yinjire muri iki gihugu c'isezerano,iri sezerano riri ku rundi ruhande nk'uko najabiukijwe ijoro rimwe... Rekangire amahirwe yo kumukorako no kuramvura amaboko yanje nkamuhobera muri icogihugu kindi, mvuga nti, "mwene Data w'igiciro." Biduhe, Mwami. Reka yakireisezerano ry'Imana, Mpwemu Yera. Amen.

89 Ô Mwami, uyu ni mwene Dataw'igiciro. Iki kiganza cabaye ciza kuri jewe, yaranshigikiye mu masahaatavugwa. Yarizeye kandi afise ukwizera. Kandi none, umwansi ariko ageragezakumufata, uwu mugenzi wanje: isukari. Kandi yibaza ko ashobora gufata uyumuhungu; ariko ndaje ndamukurikiye.Ndaje kugira ngo nkugarurire uwawe, Mwami, urungike iri buye hamwe no ukwizeragukomeye mw' Izina rya Yesu Kristo ndwanije iyo diyabete y'isukari afise!...?...mweneData. Garura intama Yawe mu mukuku, Data, mw' Izina rya Yesu. Amen.

[Mushiki wacuBell ariko avugana na mwene Data Branham—Umw.]

Ô Mwami, mushiki wacu azi uburyo ibi biremereye,uko dogiteri yavuze, ico ni ikintu cica. Buri kilo kirenzeko gitwara ubuzimaburi mwaka, dukurikije ibiharuro vy'ubwishingizi. Kandi arashaka kubaho kubwokubaho no guhimbaza Imana. Kandi nta muganga ashobora gukora ibi, Data Mana; ari mu biganza Vyawe. Kandi Mushiki wacu Bell yaragororotse, kandi yabayeumuntu mwiza n'umugiraneza... Yaciye mu bigeragezo vyinshi bikomeye; ndaje ku bwiwe uyu mugoroba, Mwami. Ndaje guhura n'uyu mwansi hakurya.Kandi ndamutumberejeko uko nshoboye gutumbereza kwose; mw'Izina rya Yesu Kristo ndungitse ibuye mu kwizera kuri uyu mwansi yamufashe.Reka rimutatanye, kandi rimwirukane kuri we, maze umugarure muri ivyo vyanyavy'ubwatsi buremvye n'amazi adasuma, biciye Yesu Kristo. Amen.

Bizogenda gutyo, mushiki wacu Bell. Ntukekeranye gusa.

90 Mushiki wacu Spencer? [Mushiki wacu Spencer avuze ati, "Mwene Data, mweneData Bill, ndakunda Umwami cane buri musi mbayeho. Kandi maze imyaka mirongoibiri nza hano, aha hantu. Kandi namye nkira hafi ku ngorane yose nagize. Vyoseuravyibuka, kandi…?..."—Umw.] Egokoko ndavyibuka, mushikanje…?... ["Kandi yarampezagiye cane! kandi ndamukundacane, buri musi w'ubuzima bwanje. Ndazi ko mfise ubugingo bw'igitangaza mu Mwami."] Ivyo ndavyizeye mushiki wacu Spencer. ["Ndanezerewe. Ndanezerewe! Iyoataba Mpwemu Yera naronse, nda-ndacari ku gicaniro kubw'ivyo afise vyose kubwanje, kandi nzopfira ku gicaniro."] Amen. ["Ico nico ngomba yuko akorakandi napfiriye ku gicaniro hamwe na Yesu."] Amen. Imanaiguhezagire…?...Amen. ["Kandi ndakubwira ico nshaka ko wokora. Urazi, Nowayinjije umuryango wiwe wose hamwe nawe, nanje nkeneye umuryango wanje wose.Urazi ngomba yuko abakundwa banje bakizwa."] Ndabitahura. Abana bawe. Nivyo. ["…?...abanabanje."] Ego, muvyeyi. ["n'umugabo wanje."] Ego, mushinganta, nda…["Nk'uko ubizivyose."] Egome. ["Waradusengeye."]

Twese turabishingiraintahe Mushiki wacu Spencer, kandi tuzi uburyo we na Mwene Data Jess bari gucamu bigoye, vyaba kumanuka mw' ishengero hano. Igihe nzojabuka hakurya ku rundiruhande, ntibazoba bagenda bategwa nka gurtya; bazoba ari bato, oh, Mwene Data Jess... Ivyo vyose. Mwese murabiziuburyo... kujabuka gato gusa... Hakurya, mukaja kuri uwo mukobwa n'ubundi,kandi Mwene Data Jess agahinduka umuhungu muto. Imana yarabigusezeranije.

Rero, murabe. Nshaka kubaha inyigisho nto cane,kubwo kuba ari mwe banyuma hano. Ndashaka gutanga.

Kuko ndazi yuko uyu ari we muhungu wanyu muto,Charlie. Urashaka asengerwa? [Mwene DataCharlie avuze ati, "Ego."—Umw.]

91 Nshaka kuvuga iki kintu kimwe. Mbega mwarigezemusoma mu Vyanditswe aho Bibiliya ivuga ibi? Paulo yabwiye Umusirikarew'umuroma

Mbega murashobora kunyumva neza? [Ikoraniro rivuze riti, "Amen."—Umw.]

Abwira Umuroma igihe yakuye inkota yiwe kugira ngoyiyahure aho i Filipi igihe yari ari mu nzu y'imbohe. Maze nyamugigimainyiganyiza iyo nzu y'imbohe aho hepfo. Aravuga ati, "Wizere Umwami YesuKristo, kandi wewe n'inzu yawe muzakizwa." Mbega mwarigeze mwumva ivyo? "Wewen'inzu yawe..." Rero, murabe. Nimba ufise ukwizera guhagije kuba kwogukiza weweubwawe, mbega ntushobora no kugira ukwizera guhagije kubw'umwana wawe? Imanaizobikora mu buryo kanaka.

Kandi Mwami, ndasenze kubwa Mushiki wacu Spencerna Mwene Data Spencer uyu mugoroba, kugira ngo buri mwana... abo n'abana b'abobazobe muri ico gihugu c'ubwiza n'umunezero aho hatazoba indwara cangwahatazoba ubusaza, nta gahinda cangwa gushoborwa, kandi ubu buzima buto bwosebuzoshira bube nk'inzozi mbi zashize. Reka bakire ibi, kandi reka bose mu bana biwe,n'umugabo wiwe, n'abakundwa biwe, n'abo bose bamukunda, n'abo bose akunda, rekabazobane nawe aho, mw' Izina rya Yesu. Amen.

[ Mushikiwacu Spencer avuze, "Amen. Urakoze."—Umw.] Imana iguhezagire. ["Nzoba nshikanye imyaka mirongo umunani n'ibiri, vubacane."] Imyaka mirongo umunani n'ibiri. ["…?...Ariko baba bamazegusinzikara, kuri iyo myaka. Ariko ndacashobora guteka, kumesa, no kugorora, nogukoropa inzu."] Nk'uko n'isi iriko irashwanyagurika, mushiki wacuSpencer. ["Egome, iriko irashwanyagurika. Ndarushe cane, igihe cose.Barabitahura…narabajije mama, muka data, yari afise imyaka mirongo icenda, ukowiyumva iyo ushaje, kera. Yavuze ati, 'Rose, kumbure uzokwama wumva urusheumwanya wose.' Ndarushe."] Neza, uriteguriye kuja kuruhuka, urabona. [namandushe cane buri mwanya. Ivyo ndabikeneye."] Ego muvyeyi. ["Kandingomba kuruhukira mu Mwami, ku mavi yanje. Nico nkeneye gusa."]

Ego.Gumiza ukwizera muri we gusa, mushikanje Spencer, kandi uzojabuka.

92 ["Ngombagupfira ku gicaniro mw'Izina rya Yesu. Uwo ni we nipfuza kubona, igihe coseagihamagara."] Kandi ni ukuri nk'uko mpagazehano ubu, uyu mugoroba, Mushiki wacu Spencer, kubw'ubuntu Bwiwe, biciye kubuntu Bwiwe nzokubona na Jess njabutse hakurya y'urubibe, uri muto kandiubohotse. Mwese muzoba muri mwiruka, muvuga muti, "Mwene Data! mwene Data!" Nzobabona.

Ni imitsi yo mu mutwe wiwe.

Data Mana, yahakwa gutakaza umutwe, kandi aria houbuvuzi butagera. Ni we gusa, ikizibira. Ariko ndaje kubwiwe uyu mugoroba. Njekuri Wewe, Data. Nje ngusaba kugira ngo urongore urusasu ngomba kurasa. Rekarutumbere ku ntego, aho nyene mw'ihuriro inyuma. Reka aya masengesho, mw' Izinarya Yesu Kristo akore kuri iyo ndwara yo mu mutwe maze ashwanyaguze kugeza kubunywenywe, agarure iyi ntama mu canya c'ubwatsi. Amen.

Ivyo bitegerezwa kuba uko, mukundwa.

[Mushikiwacu umwe avuze ati, "Nsengera. Mfise abana batandatu nsaba Imanako ikiza ikongera ikarokora."—Umw.]

Ô Mana yo mu ijuru, uzane kugira ngo abana biwebatandatu abo ashaka ko bakizwa… Yumvise iyo ntahe ya Mwene Data Daulton,umukobwa wiwe mukundwa. Akeneye abana biwe batandatu, Data. Reka ababone. Rekabazohurire muri ico gihugu aho hatabayo ijoro, barinzwe neza kandi batwikiriwen'Amaraso ya Yesu Kristo. Amen.

Mubihabwe, mushiki wacu, ni ryo sengesho ryanje.

[Mushiki wacu umwe avuganye na mwene Data Branham—Umw.]

93 Ndakwizeye. Bisa n'ukoatacoshobora kubibuza. Babaha akantu gato kasa, oh, ikintu kimwe gito gisa nka asetamine. Ni Kotisone, niko bayita.Ivyo, ivyo birakwica, hafi. Bironona amaraso yawe uko. Ariko raba. Murabona,amakonyera ni nka ya ntare yasimbira ku ntama irayicakira maze ica iriruka.None, ni itopito ica ikora iki? Oh, bagenzi! Hari intare nini iriko itontomahamwe n'umwagazi w'intama. Kandi yafashe uwo mwagazi w'intama, maze yirukana uwomwagazi w'intama; ariko Dawidi afata iyo topitomaze arayirukako. Murabona, rero itegereze. Yari afise amabuye atanu; ukwizera [mu congereza ni: "F-a-i-t-h"—Umus.], ubwiwe mu gasaho. Itopito yiweyari muri uku kuboko : Yesu [J-e-s-u-s]. Ni ukurasa kudahusha. Hategerezwa kuba ikintu kanaka.Reka dukurikire ayo makonyera uyu mugoroba, n'iri sengesho. Imana ibibahe.

[Mushikiwacu ariko aravugana na mwene Data Branham—Umw.] Ashaka kubatizwa mw' Izina? ["Oya. Oya. Ivyo ntavyo yavuze."] Urashaka ko abatizwa. ["Ni co cipfuzo canje kumubona abatijwe."] Urakoze, mushiki wacu. Atariukubera ko iyo ariyo nzira. Ni kubera…Rero, iyaba ivyo vyari muri Bibiliyakubwa Data, Mwana, na Mpwemu Yera," no-novyizeye,nogumye neza na neza kuri vyo, mushikanje. Si -sinoshaka kuba uwutandukanye. No-noshakank'ivyo nyene. Sinoreka…Nzo-nzobazwa ivyo, murabona. Ntegerezwa kubivuga muburyo nyene bivugwa, atari ukwigira uwihariye, ariko mu kuba umunyakuri.

94 Rero, Data, tujekubw'umukundwa. Afise amakonyera kandi hano ashaka ko yobatizwa mw' Izinary'Umwami Yesu, kubera ko uko niko kwinjira; iryo niryo rembo ryo kwinjiriramwo. Aho niho Yosuwa yuguruye inzira yo kujabukiramwoaja mu gihugu c'isezerano. Nta hantu habiri cangwa hatatu hari huguruye; hari hamwe gusa.

Petero, ku munsi wa Pantekoti, igihe ishengeroryatanguzwa ubwa mbere, yuguruye inzira, aravuga ati, "Mwihane umuntu wese murimwebwe, abatizwe mw' Izina rya Yesu Kristo." Iyo nzira imwe ntyigeze ihinduka; buri wese yajabutse mu gihugu c'isezerano.

Bamwe muri bo bariko bagerageza kujabuka mu kindicanya, maze Paulo aramubwira ati, "Mbega mwabatijwe umubatizo ki? Aho nihemwariko mugerageza kujabuka?"

Maze baravuga bati, "Hepfohano aho Yohana yaraba."

Aravuga ati, "Rero, Yohana yererekanye igihen'ahantu." Bamaze kwumva ibi, barabatijwe muri ubwo buryo bukwiriye, mazebajabuka aho, baronka umuzabibu wa Mpwemu Yera.

Ubihe mushiki wacun'abakundwa biwe, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

95 Mwene Data Lyle [Mwene Data Lyle avuze ati, "Ndizera vy'ukuri kuriumurongozi mwiza, mwene Data Branham."—Umw.] Oh mwene Data! ["Nduga…?...Uribuka nimba hari mu ndoto, ko haje ikintu kanaka…?...Hamwe wovugaiyo ndoto, ni vyiza. Ni ya yindi narota. Aho, wamye urota neza!...?..."] Ego. Ako ni akanya. ["Ego."] Ndanezerewe…?...Imana iguhezagire. Ubu uri mu rugendouja mu gihugu c'isezerano! Kumbure ndi buyivugeko.

Ni bangahe hano bibuka imbere yuko iki gikorwa gishingirwaintahe kandi ndi kuroba hamwe n'umugabo umunsi umwe, aho hepfo ku mugezi, mukiyaga? Kandi nariko mfata udufi duto, maze Mpwemu Yera anzako. Hariho…, ni,yari Icabona ca Yehova, niko yari. Mwenewabo ari hano ahantu kanaka, BanksWood. Ari hano ahantu kanaka, akaba ari umubanyi wanje.

Uyu ni we Lyle. Kandi aba bantu bari Ivyabona vya Yehova. Kandi baravuze umunsi umwe igihetwariko turoba aho inyuma yuko uyu muhungu yihanye, mubwira ko hari ikintu kirimu buzima bwiwe, n'ivyabaye vyose, n'ibindi vyose bijanye navyo, ivyo yambwiyeubu, maze abikura mu buzima bwiwe. Uko ni ukuri. Umwami ahimbazwe. Ivyo niukuri neza na neza. Se yari umwe yari u-umusomyi. Yari. Mbega se niho ari kuriuyu mugoroba, ga Billy ? [Mwene Data umwe avuze ati, « Sinzi. »-Umw.] Kandi we n'uwo mugore wiwe, bompi, barabatijwe, kugira ngo bashingeintahe y'Izina rya Yesu Kristo, hano mu kidengeri. Kandi uyu mugabo yariyicaraye impande yanje, umusi umwe.

96 Banks, mbega uri he? Mbega ari hano uyu mugoroba? [Mwene Data umwe avuze ati, "hariya inyuma mumfuruka."—Umw.] Inyuma hariya mu mfuruka. Ego.

Kandi twariko turoba. Maze mwene Data, umuhungu wanje muto yari yishe…Ndibaza yari yishe akayabu iminsi mike imbere y'ivyo. Nyina yari ifise utuyabuduto twinshi maze iragatora kandi irongera irakareka. Maze ndiyumvira... Nukondavuga nti, "Umwami agiye kuzura ubuzima buto, umunsi umwe imbere y'aho. Mbegauko ni ukuri, Lyle? [Mwene Data Lyle Wood avuze ati, "Egome."—Umw.] Ahagaze ahohanze mu bukonje. Maze ndavuga nti, 'UKU NI K'UHORAHO AGIZE.'"Kandi turoba ijororyose maze ntitwagira ico dufata.

Igitondo gikurikira, twariko turoba aho inyuma ku kizinga gito turikoturoba ubwo bwoko bw'amafi; ayo ni amafi mato. KandiMwene Data Lyle yari afise igera rinini, maze areka ako gafi gato kamira iryogera rinini yari afise, kugeza ubwo yakweze, ako gakwasi kari kamanutse munsi,iryo gera rinini mu nda y'ako gafi gato. Maze igihe arikuyemwo, vyasavye gukuramwoivyo mu nda na buri kintu kirasohoka muri ako gafi gato kugira ngo aronke ukoarikuramwo, kuko iryo gera rinini ryari ryafashwe mu nda y'ako gafi. Kandiigihe yakoze ivyo, aca agaterera mu mazi, maze karikunkumura nka kane cangwagatanu, kandi vyari ivyo; kubera ko ivyo munda vyakon'uduhaha twako vyari vyaserukiye mu kanwa kako. Maze kareremba aho nko mu gihec'igice c'isaha, kareremba kerekera mu bisaka.

97 Kandi nari nicaye aho ndikondoba, kandi muri ako kanya Mpwemu Yera araza, aravuga ati, "Bwira kariyagafi."

Ndavuga nti,"Gafi gato, Yesu Kristo aguhayeubuzima bwawe bundi busha," kandi ako gafi gato, karyamye aho kapfuye aho kumazi, gahindukira ku rubavu rwako maze karagenda rrrrrrrttt, aho mu mazi kihutamu buryo bwose gashoboye.

Mwene Data Lyle, Mwene Data Wood yari aho muri akokanya. Mwene Data Lyle aravuga ati, "Mwene Data Branham, mbega ibi vyarikubwanje kubera ko navuze nti gafi gato…

Uwu mugoroba, ndashobora kubabwira uko wavuze [Mwene Data Lyle Wood avuze ati, "Urasshobora kubivugakoko. Nta ngorane, mwene Data Branham."—Umw.]

Aravuga ati 'Si...' Aravuga ati, igihe yakuyemwoivyo vyo mu nda aho muri ko maze abita aho hanze, aravuga ati,'Birakurangiranye, gafi gato' nka gurtyo. Arakajugunya.

Aravuga ati; 'ubwo yari jewe.'"

Maze ndavuga nti, "Oya, MweneData Lyle, si ivyo."

Mwene Data Banks aho inyuma aravuga ati, "Niabantu bangahe muri iyi si, ni ibihumbi bingahe, bokwifuza kuba bahagaze ahompagaze aka kanya ubu kugira ngo barabe inkomezi z'Imana ziriko zimanuka kandizikora ibintu nk'ivyo?" Muyandi majambo, ni co kimwe…

Nizera ko twese twiyumva nka Petero uko yariameze, "Ni vyiza ko tuguma hano. Reka twubake insago zitatu." Uko ni ukuri.

98 Rero, Mwene Data Lyle, ubuwarasizwe na Mpwemu Yera. Waravuye muri Egiputa. Za nkono za tungurusumun'imyanda y'isi vyasigaye inyuma. Uhagaze aho ku nkombe za Yorodani ubu, ahohakurya. Reka Imana ikujabutse aho.

Mana ishobora vyose, hano hari intsinzi Yawe. Iriahantu hateye ubwoba, Mwami, ariko umutima wanje uragiye kubwiwe. AmasengeshoYacu arakubite bikomeye aho hakurya, kuko nico kintu ubwaco camufashe camuvuyeko.Cakozweko, kandi rero ariko aregenda aho hepfo kuri Yorodani. Mujabutse mugihugu c'isezerano, Mwami, kandi umushireko ikimenyetso hagati mu bantu, kugirango kuri uwo munsi mwiza nitwahura aho hakurya, reka nzumve ubushuhe bw'ayamaboko avuga ati, "Mwene Data w'igiciro." Kandi ndabizi... Uzozana Banks ahohamwe na we, Mwami, sivyo? Papa na mama, n'abo bose, bashiki bacu, kandi naburi wese yuzuye Mpwemu Yera. Ndagusenze mw' Izina rya Yesu. Amen.

Uzovyakira, mwene Data. Imanaiguhezagire, mwene Data Lyle.

[Umuntu umwe avuze ati, "Mwene Data?"—Umw.] Ego, Mwene Data. [Hariho terefone ivuye kure, n'urupfu, barindiriye kumurongo wa terefone."]

99 Hariho umuntu aremvye ahamagayeari kure. Ngiye gusubiza igikorane Mwene Data Neville mu gihe nza kuba ndihariya.

[Mwene DataNeville avuze ati, "Umusi udasanzwe kandi mwiza cane mu Mwami! Imana yadukoreyeibintu vyiza cane uyu musi. Ivyo nariniteze vyashitse neza vyose.]

["Reka twese duhaguruke, ku birenge vyacu.]

["Mwibuke igikorane rero, ku wa gatatu ku mugoroba. Musenge cane. Imitima yoseidahagijwe, idashikamye yiyegereze Imana cane. 'Igihe kiri hafi. Ubu nico gihe.Uwu musi niwo musi w'agakiza.']

["Imanaihezagire buri wese n'umwumwe wese muri mwebwe bashitsi, mwebwe bantu muva kure.Isengesho ryacu ni uko Imana yobaha imbabazi mu rugendo, mu gusubira inyumamuja aho muba. Ni vyiza cane kuba mwabanye natwe. Kandi mudusengere mu gihemugenda, kugira ngo Umwami ahezagire na kino kibanza kandi.]

[" Datawa twese uri mw'Ijuru, nk'uko umusavyi wawe yaje kuri uno mugoroba, gukoraigikorwa c'umusavyi wawe n'umuvugishwa,uhagaze hagati na hagati, mu canzo, ukora uruzitiro, uza kuri twebwe n'urukundorururumba rw'umusavyi wawe, nk'ababatijwe na Mpwemu Yera, no guhabwa igikorwac'ubuvugishwa, ngo tubwire uru runganwe. Dufashe uyu musi be n'uyu mugoroba,kwakira Ubutumwa butujeko, Mwami, ihimirizwa, ko twitegura.]

["Hezagireburi wese n'umuntu wese asohokana imiryango y'ino nyubakwa kuri uno mugoroba.Reka indwara iri kuri twebwe, iyo ataco tuyiziko, reka ubuntu bwawe buhezagiwen'ubushobozi bituzigame, biturinde kandi bidukize, kandi bituzigame, kugeza cagihe Uzoba witeguye kuturungika kuri ya yindi nkombe. Hezagira abacitse integerbose n'abadendebukiwe, abafise ubwoba, n'abanyantege nke.]

["Mana,turasenze kuri uwu mugoroba kubw'ukugendererwa kudasanzwe, imigisha ya MpwemuYera, ngo ibe kuri buri ngenzi, buri ngenzi, buri kavantara mu marembo yacu.Umuntu wese asohoka mu muryango uyu mugoroba, reka ca gihuzu c'Amaraso, kiva kumusalaba I Gologota, kimufunike bihagije kandi gitange.]

["Dukize mu gihe turwaye. Utuzigamishe ubushobozi bwawe bwinshi. Udusigeamavuta kubw'igikorwa. Reka tugendere mu rukundo, imbere yawe, imisi yacu yoseyo kubaho. Kandi tuzogushima kubw'ibi, kuko tubisavyye mw'Izina rya Yesu Kristono kubwiwe. Amen.]

["KandiImana Ibahezagire. Kandi turanezerejwe no kuba mwabanye natwe. Nimuhaneamaboko."—Umw.]

Ndashimye vy'ukuri ivyo mwankoreye vyose, ikarata na …?...Ego,mushingantahe. Ndashimye vy'ukuri…?...

Kubw'ivyo rero twarungitse ibuye ryo kwizera…?...Harihoumuntu ava mu micungararo…?...Kubw'ivyo narungitse isengesho inyuma yiwe, mw'Izinarya Yesu Kristo. Yamye arambaraye aho isaha yose, ata n'umutima utera, ataguhema, ata na kimwe. Ata guhema, ata gutera kw'umutima, canke guhumeka, ata nakimwe; amaso yahenye, yaguye bukumbi ku gicaniro. [Mwene DataNeville avuze ati, "Yamuretse aguma arambaraye ngaho gushika aho iryo sengeshoryinjiriye."—Umw.]

Iyi iracuguruye [Mwene Data Neville avuze ati, "Egome, iracuguruye."—Umw.]

Murashobora kuntega amatwi? Hariya ruguru,umukwiragizabutumwa umwe, umuvugabutumwa akiri muto, hano haruguru muri Indiana,yariko aravuga ubutumwa, aca agwa bukumbi ku gicaniro hashize nk'isaha. Mu giheyariko aravuga ubutumwa, aca agwa yubamye, maze aca apfira ku gicaniro,umukwiragizabutumwa azwi, yariko aravuga ubutumwa hano muri Indiana. Pasiteriyaje arampamagara. Yapfuye igihe yariko aravuga ubutumwa ari munsi y'isigwa ryaMpwemu, agwa yubamye, amaso yiwe arahena, impwemu zimuvamwo. Bari bemeje koyapfuye, arambaraye ngaho yapfuye mu kiringo c'isaha. Kandi ikintu kanakacababwiye ngo bahamagare ishengero maze bambwire nsenge. Rero naciye ndungikaisengesho kugira ngo rimugarure mw'Izina rya Yesu Kristo. Mufatanye nanje mukwizera, kugira ntibihushe intego. Bimusubize itoto, bimugarure. Murakoze.

Imana ibane namwse, kugeza igihe tuzongerakubonana Ku wagatatu nimugoroba. Mwebwe bantu muva muri Georgia n'ahandi, niagasaga. Imana ibane namwe.

Mwene Data Pa…?...

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7